# Ibintu Bitanu Bitomoye Biranga Ishengero Ry'Ukuri Ry'Imana Nzima

Jeffersonville, Indiana, USA
11 Nyakanga 1960 Ku Mugoroba

1 Urakoze Mwene Data Neville, Umwami aguhezagire. Mu vy'ukuri ni amahirwe kuba hano kanokagoroba. Ndanezerejwe cane no kubona Imana yabitwemereye. Har'ukuntu ivyumabifata amafoto bituma ntiyumva neza. Nkunda…Nimuyafate. Nta kibazo. Ndabibona.Ndabizi ko bihari. Kandi ivyo ni vyiza cane. Vyose ni vyiza. Ubu hoho, ahubwo harashushe.Twagize Ubutumwa bubiri butangaje twahawe n'Umwami.

2 None ubu niyumviriye, uyumugoroba, kubona…

Benshi mu bagenzi banje bari hano bategerezwa kugenda ingendo ndende bagendeshaimiduga, bamwe muri bo bava hiyo epfo i Kentucky. Ng'urya Mwene Data WelchEvans n'umuryango wiwe hano, bava i Tifton, muri Georgia. Hanze nahabonaniyen'abantu ba hano muri California. Hano hari bamwe bava mu Budagi n'ahantuhatandukanye, baza muri kino kibanza gitoya, gukorera Umwami. Kandi ndabonaMushiki wacu Nellie Cox. Ndibaza inabukwe hamwe na bo bari hano. Abo, kumbure mugusubira inyuma baza kugenda ibilometero vyinshi uyu mugoroba baja muriKentucky, Georgia, hiyo epfo muri Tennessee, hiyo ruguru muri Ohio, abagenzibanje bari hano. Umugenzi umwe hano, Mwene Data Ted Dudley, yazananye inzirayose kuva muri Phoenix, Arizona. Hariho benshi muri bo hano, abandi, yabanshoboye kuvuga amazina yabo gusa, baje hano kudutemerera uyu munsi. Mirongoicenda kw'ijana muri bo sindigera ndonka n'ingene turamukanya. Ndabona abagenzibanje bava muri Chicago, no mu micungararo. Ni bangahe bari hano bava hanze y'ikigisagara? Nimukirize amaboko. Mirongo icenda kw'ijana vy'ikoraniro aka kanyabigizwe n'abagenzi batandukanye bo mu mashengero yo hirya no hino mu gihugu.

3 Kandi nigishije umwanya muremure muri iki gitondo, nasengeye abarwaye kugeza isahaindwi n'igice, rero nasaraye gato. Kandi ntegerezwa kwigisha gato imbere yogusa n'abashiramwo ico twita igitensi ca kabiri.

Hano hariho Mwene Data Lee Vayle, nta kindimfise atari kumuha ukuboko ndamuramutsa, umwe mu bunganizi banje; wo mw'Ishengerory'Ababatiste, muri Ohio.

5Wewe uri Ben? [Mwene Data Ben Bryant avuze ati: "Amen." —Umw.] Sinari bwakwumveuvuga "amen," nako sinari nakumenye. Mwese murazi Mwene Data Ben. Kandi ndazi yukohanze y'iki gisagara, sinzi gusa…Ubu uba hehe, ga Mwene Data Ben? ["Emwe, turi hiyoruguru Mu Buraruko bwa Borden, Indiana, Mwene Data."] Borden, Indiana.

4 Turanezerejwe no kubagira mwese hano. Ubu hoho sinza kubatevya cane, kubera ibilometerovyinshi mutegerezwa gufata. Nari nipfuza kujana n'umwe wese muhira uyu mugoroba.Ni ivyo nyene nshatse kuvuga. Nza kugenda isaha icenda z'ubuca, hagati y'isahaicenda n'isaha cumi z'ubuca, rero na—nari nipfuza kubajana. Ndabona umugenzi wanjehano wo muri Arkansas, umugore wiwe. Wewe nturi wa mugabo twari…Umwe Umwamiyavuga akamubwira vya bintu hano wa mugoroba? Nibaza ko uri we. Ndavye hirya nohino, uca ubona bashasha n'abakera. Rero, Imana irazi intego z'umutima wanje, yukonari nipfuza kuza kubaraba, tukajana muhira maze tukaganira vya nyavyo. Arikoumunsi umwe tuzobikora, ha Hantu bitazoba ngombwa ko tuvuga: "Dutegerezwakunyarutsa. Dutegerezwa gutora abana. Hariho umuntu arwaye." Ivyo vyose bizoba vyarangiyeico gihe, kw'uwo Munsi uhambaye. Ndizera ko tuzohura incuro nyinshi.

5 Noneho, ni umugambi wanje, mu gihe ndindiriyeUmwami aka kanya, kugira ngo ndonke inzira yo kujana. Ubu rero, kuwa Kabiri,ngiye gukenera amasengesho kubi kuruta uko nigeze kuyakenera mu buzima bwanje bwose.Ngira ndababaze nimba muzonsengera. [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Nzo—nzokeneraamasengesho yanyu. Muze mumenye neza ko mwansengeye. Uburyo umuyaga uhuhuta,kuwa Kabiri, birashobora gusobanura ikintu gikomeye kuri jewe, no kw'Ishengerono ku vya Kristo. Rero muze mumenye neza yuko mwansengeye.

6 Noneho rero, kugeza mbonye inzira yo kujana n'ico gukora, ndorereye Umwami.Muri ico gihe, nzoba ndi hafi y'ihema hano, ngenda nongera ngaruka, mvugaubutumwa, nsengera abarwaye, nkora ikintu cose nshoboye gukora. Dushaka, umunsiumwe, Reta nitatubuza, turashaka kwubaka urusengero hano, urusengero rwiza ahodushobora kuba dufise ubushobozi bwo kwicarika benshi, igorofa nkuru, ahobicara hasi no hejuru, n'ibindi, rero ruzoba ari urusengero rwiza cane rwose, rufisevya vyuma bitanga akayaga keza, ku buryo abantu bazoshobora kuba baguwe neza, bakurikiranaibikorane, nibatwemerera kubikora. Turizera ko bazotwemerera. Rero, mudusengere.

7 Rero uyu mugoroba, tugiye gutangura umutwe w'icigwa nasezeraniye, muri ikigitondo, Umwami niyabigomba, tuwuvugeko uyu mugoroba. Kandi biza kubank'inyigisho, kubera ijwi. Uyu mugoroba nshaka kuvuga kuri: Ibintu Bitanu Bitomoye Biranga IshengeroRy'Ukuri ry'Imana Nzima. Ibintu Bitanu bitomoye vyerekana Ishengero ry'ukuri,nako biranga Ishengero ry'ukuri!

8 None rero, imbere yuko dutandukira uyu mutwe w'icigwa uhambaye kandi udasanzwe,ngiye gusaba

ijambo ry'isengesho. Ngiye gusaba umwungere wacu, Mwene DataNeville, nimba yoduga agasengera Ijambo ry'Imana. Mu gihe twese tuzingurura, muriMatayo Mweranda, ikigabane ca 16, kuva ku murongo wa 18, Matayo 16:18, mu gihe MweneData Neville ariko araza kugira ngo asenge kubw'indemeshanyo.

[MweneData Orman Neville asenze ati: "Data wacu wo mw'Ijuru, turashimye uyumugoroba kubw'ibi, ayandi mahirwe n'akaryo duhawe, biciye mu mbabazi zawezihambaye zihoraho. Turashimye uyu mugoroba kuko hariho ikintu gikwega,kikadukwega, hamwe n'uburongozi bwa Mpwemu Yera. Turashima, Mana yacu, ko uriImana yamanutse kuba muri twebwe no kubana natwe, gushika kw'iherezo ry'iyi si."] Egome.

["Data, ibibazo bikomeye n'ibigeragezo vy'ejobizoba biboneka nk'ibitaco bivuze igihe cose tuzobasha kugumya ukuboko kwawetukagendana nawe."] Mu vy'ukuri, Mwami. [Turasenze Mwami, Uduhe kugiriraniraigishika c'ubwina, tuzi yuko mu gihe umwe aba ari mu kigeragezo gikabije, hamwen'ibipimo bikomeye, yuko antwe, umwe mw'iyi minsi tuzoca mur'ivyo bihe. Mwami, dushiremwoMpwemu wa Yesu, gushika twiyumvanyemwo bihagije, gushika aho tuzogiriraniraubumwe hagati yacu, gushika aho tuzoshobora kugukorerera hamwe. "] Egome.

["Data,turagushimiye uyu mugoroba kubw'ibi, akandi karyo duhawe ko gushobora kwicaramusi y'inyigisho y'umusavyi wawe uwo Wagenye, uwo Watoranirije iki kibanza."]Urakoze. ["Uwo wabonye yuko akwiriye kudufasha kugira aya mahirwe kuba hano, nomuri za nyungu nyene z'iki gikorwa c'ibango. Umuhezagire, kandi natweuduhezagire twempi, hamwe n'i…hamwe n'iki gikorwa c'ibango afise."] Bikore.Egome.

["Data,turasenze mu gihe iyi minsi yegereje yo mw'iyinga iza, aho dushoborakugutakambira mw'ubu buryo bw'ubuhuza, tuvuga mu mitima yacu duti, 'Mana,uhereye aho utubwiriye ico tuvuga cose, bizonaba ukwo nyene nitwakivuga,nitwakwizera, tukakwizigira kandi tukakwumvira.' Kubw'ivyo rero, Mwami, iyiminsi ikurikira igiye kuba ikigeragezo kuri Mwene Data wanje, Mwene Data wacu,n'umusavyi wawe. Ô Mana, turamukuragije rwose, mw'Izina ry'Umwami Yesu, kanditurasavye uzomutwikirize uburinzi bwo mw'Ijuru n'imihezagiro atari bwigereabona."] Bikore, Mwami. Bikore, Mwami.

["Manayanje, ngo usubize inyuma ububasha bwose bw'ubwenge buzohaguruka bugeragezakwonona canke kugoreka."] Bikore, Mwami ["Reka umunwa wiwe wuguruke n'amajamboy'ubwenge mu gihe hakiriho amahirwe yo kuvuga."] Egome, Mwami. ["Ô Mwami,turagushimiye, Mana yacu, kubona waraciye inzira abasavyi bawe bose, uko ibihevyagiye bikurikirana."] Egome. ["Kandi Mpwemu Yera yarahagije kugira ngo atangeamajambo yo kuvuga ku buryo bashobora guhagarara imbere y'abagabo bize kandi b'incabwenge."]Egome, Mwami.

["TuragusavyeData wacu, utureke tugende duciye bugufi kandi twiyoroheje imbere yawe, Ô MwamiYesu. Utureke gusa dukore ubugombe bwawe kandi twumve Ukubaho kwawe. Ubanenatwe aka kanya. Kandi, Ô Mana, turagusavye ngo ukure amashimwe ari i bwinamuri twebwe, gushika aho azoza, atari kubw'inkomezi, ariko ishimwe rizozananamuri twebwe, rizanwe n'isigwa."] Ô Mana!

["Ôo,Mwami wanje, uyu mugoroba, turiko turarangiza uyu munsi mwiza, uwo muri woWamanutse hanyuma ukiza abarwaye, ucungura abazimiye, kandi Wabanye natwe,kugira ngo Wese imitima y'abahumanye."] Egome!...?... ["Aka kanya Mwami, uyumugoroba, niwigarurire vyose mur'iki gikorane, kandi uhezagire umuhogo wa mweneData. Kandi uhezagire Ijambo mu gihe ritangwa. Reka tugire imitima hamwe n'ivyiyumvirovyakira. Kandi, Ô Mana, none Wakire ishimwe ryacu kubw'ivyo, mw'Izina rya Yesu.Amen kandi Amen. "—Umw.] Amen.

Aha ni ho igeza mu kwumvikana? Aha ni ho igarukira?Aha ni ho igarukira? [Mwene Data umwe avuze ati: "Ni ho igarukira."—Umw.] Iyi mikoro, ni iyi nyene nategerezwa kuvugirako? ["Zombi."] Murashoborakunyumva neza? Hariya inyuma, murashobora kunyumva? ["Amen."] Ni vyiza cane.Neza cane.

9 Nipfuzagusoma mu Gitabu ca Matayo, ikigabane ca 16 ku murongo wa 18. Ndahera kumurongo wa 17.

Yesus aramwishura ati, Ur'umuhirwe Simoni, mweneYona, kukw' ata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'Ijuru.

Nanje ndakubwira yuk'uri Petero, kandi kur'urworutare nzokwubakakw'ishengero ryanje, kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.

Imana yongere imihezagiro yayo kw'Ijambo ryayo. Ijambo

10 Ishengero, kuri buri jambo rigize uyu mutwe w'icigwa nahisemwo uyumugoroba, kugira ngo ngerageze kuvugana nawe, rimwe muri yo ni iri: Ishengeroni iki? Ninde yaritanguje? Ubutumwa bwaryo ni ubuhe? Ni gute dushobora kubaumunywanyi waryo? Hanyuma, mbega turashobora gushika mw'Ijuru tutabayeabanywanyi baryo?

Rero,umwe wose mur'iyo mitwe y'icigwa ushobora kumara amasaha, ubivuzeko mu buryobwimbitse. Ariko nshaka gukora ku bintu bikeya vya nyamukuru, kugira ngonerekane Ishengero ry'ukuri iryo ari ryo. Kandi, ubu, nshaka yuko muba mufiseBibiliya zanyu hafi.

11 Rero, ubwa mbere, ijambo Ishengeroubwaryo, risobanura, "Abahamagariwe gusohoka."

Gurtyo rero, igihe cose Abisirayeli bari muriEgiputa, ntibari ishengero ry'Imana. Bariihanga ry'Imana. Hanyuma igihe Imanayabahamagara bakava muri Egiputa, baciye bahinduka ishengero ry'Imana, kuko "bari bahamagariwe gusohoka."

Kandin'uko bikimeze n'uyu munsi. Ijambo Ishengerorisobanura "abahamagariwe gusohoka,"abahamagariwe gusohoka, abatandukanijwe, baritandukanya.

12 Rero, mw'Isezerano rya Kera, Ishengero rizwi ryiswe "Ubwami bw'Imana," Ubwamibw'Imana. Ubu rero, ibi ndiko ndabikura mu bihe vyagiye bikurikirana muriBibiliya. Mw'Isezerano rya Kera, Ishengero ryiswe "Ubwami bw'Imana." Mu yandimajambo, Imana ni Umwami, kandi Ishengero ni bwo Bwami bwayo. "Ubwamibw'Imana," Isezerano rya Kera.

Mw'Isezerano Rishasha, ryitwa "Ubwami bw'ubwami bwa Kimesiya." Ôo,ivyo ndabikunze, bwa Kimesiya. Mu yindi mvugo: "Ubwami bw'ubwami bwa bwaMesiya," aho Mesiya ategeka kandi akaganza. Nta nzitiro z'amadini cankeikindi kintu, Mesiya araganza mu Bwami bw'ubwami bwiwe. Mbega ico si iciyumvirociza? Ubwami bw'ubwami bwa Kimesiya. Kubw'ivyo rero, Ishengero si ishirahamwe,Ishengero si ikoraniro ry'abantu. Ishengero ni abantu b'Imana bahamagariwe kuvamw'isi, ngo bakorere mu bundi Bwami.

13 Ng'iki kintu kibereye gusubirwamwo kuvugwa. Mu mezi makeya aheze, jewe n'umugorewanje twari twagiye kw'isoko. Hanyuma tubona ikintu gitangaje, hariho umugoreyari kw'ibarabara, yari yambaye ijipo. Biragoye, ntimwovyemera, ariko mu vy'ukuritwaramubonye. Umugore wanje arambwira ati: "Ehe, raba."

Ndavuga nti: "Ategerezwa kuba ari Umukristo. Aratandukanye cane. " Birateyeisoni.

Hanyuma haca havyuka ikibazo: "Kuki, Bill, ko twe nk'Abakristo, hamwe n'ukuKwizera dufise, ni ukubera iki tubuza abagore bacu kwambara mwen'izo mpuzu,gukora gurtyo? Si abantu bo mu yandi mashengero? Bambara izo mpuzu gurtyo, impuzuz'urushirasoni, none ni kuki? Ntushobora kuvuga ko ari ubushirasoni."

Navuze nti: "Ni vyo. Nta n'umwe nshobora gucira urubanza. Ariko, kubabona,'Muzobamenyera ku vyo bama.' Bashobora vy'ukuri kuba badakora ubukozi bw'ikibi,ariko hariho impwemu ibariko ibatera ubushirasoni."

14 Rero, Yesu yavuze ati: "Umuntu wese yitegereza umugore kugira ngo amwipfuze,aba yamaze gusambana na we mu mutima wiwe." None rero, igihe uwo munyavyaha abwirizwakurenguka ngo abazwe ku busambanyi, ni nde azokwagira n'ico icaha? Ni uwo mugoreyiyanikiye. Urashobora kuba utyoroye nk'ishurwe, ku bijanye n'ingeso nziza.Ariko nimba warigaragaje imbere y'abantu, mu buryo bw'ubusambanyi, nubwo uriumwere kur'ico gikorwa, hari umugabo watumye akwiyumvira nabi, aho rero ni ikosaryawe. Yesu yavuze ko uzokwagirwa n'icaha c' "ubusambanyi." Kandi, "abasambanyintibazokwigera binjira mw'Ijuru."

15 Ariko, kubera mpora nzunguruka kw'isi yose, nasanze igihugu cose gifise impwemuyaco. Kandi amahanga yose aganzwa n'umurwanizi. Ubutegetsi bwose buganzwa n'umurwanizi.Ni Bibiliya yabivuze. Bararwana, bakaja mu ntambara, kandi bazobandanya ukwo gushikaYesu agarutse, kandi azoca ashiraho Ubwami butazobamwo intambara. Ariko Sataniyavuze ko ubwami bwose bw'isi ari ubwiwe, kandi ko abukoresha ico ashatse cose,yabivugiye neza na neza imbere Yesu Kristo. Kandi bose ni ibikoresho ba Satani,ubwami bwa Satani. Satani yabwiye Yesu ati: "Ndabuguha niwapfukamaukansenga."

Yesu yari azi ko yoburazwe muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi, ni kwo gucaamwishura ati: "Mperera inyuma, Satani." Yari azi ko Imana yomuhayeubwami bwose, yuko bwobaye ubwiwe, kandi bwose bukaba Ubwami bumwe.

16 Iyo ugiye mu Budagi, uhasanga impwemu y'ikidagi. Ugiyemu Bwongereza, uhasanga impwemu y'icongereza. Ushitse muri Suwede, uhasanga impwemuy'igisuwede. Ushitse mu Bufaransa, uhasanga impwemu y'igifaransa. Winjiye muriAmerika, uhasanga impwemu y'ikinyamerika.

Narahagaze iSan Angelo, i Roma, hashize igihe, nshaka kubona ka kaburi ko musi y'ubutaka. Hanyumandumirwa, ndanamaramaye, nk'Umunyamerika, mpagaze imbere y'irembo ryinjiramw'ako kaburi ko musi y'ubutaka, hari handitse ngo: "Ku bagoreb'Abanyamerika: nyabuna nimwambare impuzu imbere yo kwinjira hano, kubwokwubaha abapfuye." Iyo igihugu kiguye gushika hiyo hose, biba biteyeubwoba, iyo tugeze aho hantu. Rero murabona, kubera…

17 Igihe kimwenabajije umugore umwe nti: "Uri Umukristo?"

Anyishuraati: “Ndi Umunyamerika. Aho rero urumva ndi Umukristo.” Ivyo ntaho bihuriye.

Mwene DataBosworth yabajije uwur'aho, umugoroba umwe, ati: “Uri Umukristo, gaMushiki wacu?”

Amwishura ati:“Umva ndakubwire, ni jewe ncana amabuji buri mugoroba.” Nk'aho umengoivyo har'aho bihuriye n'ivya Rukristo, ngo gucana amabuji. Ivya Rukristo ntibigizwen'ibintu mwen'ivyo. Kandi Ishengero ry'Imana ntirigizwe n'ibihimbano nkamwen'ivyo.

18 None rero, niiki gituma abagore…Ntwigera duhatira abagore gukora ivyo. Ntitwigera duhatiraabagabo bacu kutanywa inzoga, ngo tubahatire kutarahira. Twigisha UbutumwaBwiza gusa, tugashiraho icitegererezo ca Bibiliya. Abagabo benshi bo mumyizerere y'Abapentekote n'abo mu mu myizerere y'Ubweranda, baraza bakavuga koari co bari, mu gihe atari co bari mu mitima yabo. Abagore benshi bakora nk'ivyonyene. Ntitubabwira ko bategerezwa kubikora. Tubaha icitegererezo gusa. Babwireico Bibiliya ivuga, hanyuma nibavyarwa na Mpwemu wo mw'Ijuru, aho rero impwemuyabo ntizoba ikiri iy'ikinyamerika ukundi, ntizoba ikiri iy'ikidagi ukundi. Izobaifise iharama ryo mw'Ijuru, ahari Ubwami bw'Imana. Kubera ko, aho tuba turi mubundi Bwami, Ubwami bw'Imana, aho urupfasoni, ukwera, n'ubushobozi bibaho.

19 Turashoborakubona Umwami wacu. Tuba tubasha kugiranira ikiganiro na We igihe cose dushatsekumuhamagara. Nta bandi badusabira dufise, nta wundi muhuza ari hagati y'Umwaminatwe, kiretse uwo Muntu umwe, Kristo Yesu. Rero turi mu Bwami. Kandi bwitwa, mu bihe vyakurikiranyemuri Bibiliya ngo: “Ubwami bwa Kimesiya.” Mu yandi majambo, ahoMesiya aganje mu buzima bwose bw'abo aganza, agategeka ubuzima bw'abantu biwe,abantu bahamagariwe mu mice yose y'ubuzima, abakoraniriza hamwe mu mugwi umwe, hanyumaabita “Ishengero ryiwe,” canke “abiwe yahamagariye gusohoka.” Mbegaico si ikintu ciza?

20 Rero, Abisirayelibari ihanga ry'Imana kugeza (tubisangamu Vyakozwe n'Intumwa 7:38, nimba muriko murandika) gushika biswe ishengero ry'Imana, kubera bari bahamagawen'Imana, ngo bave muri Egiputa, bave mw'isi, kure y'ayandi mashengero, kure y'ubundibwoko bw'ugusenga, ngo bagendane n'Imana ukwa bonyene.

Kandi na none,ni ko bimeze kw'Ishengero ry'Imana uyu munsi, ryahamagariwe gusohoka mu vy'isivyose, gusohoka mu gusenga kw'amadini yose, gusohoka mu bwoko bw'ugusenga bwosebw'amadini, gusohoka mu bwoko bwose bw'ugusenga bwitunganije, kugira ngorigendane n'Imana. Ritaganzwa na musenyeri, ahubwo riganzwa na Kristo, muriubwo Bwami bwa Kimesiya tubamwo. Kristoni We Mwami. Kristo ni We wenyene.

21 Rero, Kristo ni We Mutwe wabwo. Kristo ni We Mutwe w'ubwo Bwami bwa Kimesiya.Kandi ntushobora gutunganya Ubwami ubwo Kristo ari We Mutwe. Ntushobora kugiraidini Ubwami ubwo Kristo ari We Mutwe. Kubera ko Kristo ari We Mwami, aho rerontushobora gufata ubwenge bw'umuntu ngo ugire idini ivyo Kristo azoganza. Kubw'ivyo,amasosiyete yose, abantu bose, imigwi yose y'abantu bagerageza gutunganya Ubwamibw'Imana, baba bariko barwanya Umwami wabwo. Kanid rero nimba barwanya Umwami, bababanyuranye n'Umwami. Nimba rero barwanya Umwami, baba ari anti-Kristo. Ivyobirakabije. Iyaba nari mfise ijwi ryiyongereyeho gato gusa, twaca tubitomoraneza. Ni anti-Kristo. Kandi hamwe munyihanganiye iminota mikeya, ndaza kubigaragaza.Impwemu ya anti-Kristo igerageza gufata a—abantu no kubahamagarira bava mumadini atandukanye, ikabakoraniriza hamwe mw'idini, ivyo na vyo bikaba bitigezebiba ubugombe bw'Imana. Abantu bamye banyidogera kuko nkubita cane amadini. Baryabantu sib o mba ndiko ndakubita. Ni irya mpwemu yiganje ituma abantu biyumvira ngo:“Ni twebwe turi iryo hanga.”

22 Ihanga ry'Imana ni abantu bayo bahamagariwe gusohoka. Ndizera yuko bari mumadini yose. Bashobora kuba ari Abakatolika. Bashobora kuba ari Abaporoti.Bashobora kuba ari Abayuda. Bashobora kuba bari mw'ishengero iryo ari ryoryose. Ariko Ishengero ry'ukuri ni wa Mubiri-Banga wa Yesu Kristo.

Rero, ntushobora gutunganya wu Mubiri-Banga wa Kristo. Rero, umuntu wese azakuri Kristo, ava mw'isi, akinjira muri Kristo, akaba yinjiye mur'uyoMubiri-Banga wiwe. Kandi uba umwe mu bagize uwo Mubiri iyo uzanywe muri iryoShengero, wahamagariwe gusohoka hanyuma ukabatirizwa muri uyu Mubiri-Banga. Murabitahura?Atari Metodiste, atari Batiste, atari Pentekote, canke Nazarayo, canke Ingenzi z'Ubweranda,atari Katolika; ariko uwo Mubiri wa Yesu Kristo. Ivyo turaza kubigarukako muburyo bwimbitse mu bindi bibazo, muminota mikeya, mu gihe twinjira mu bice vyimbitsevyavyo. Ariko, uwo Mubiri wa Kristo ni Ishengero.

23 Rero, Yarabigereranije mu migani myinshi, nko mu mugabo n'umugore. IryoShengero aryita, “Umugeni.” Kandi umugeni ntaba akiri umwe, n'umukwe ntabaakiri umwe, ntibaba bakiri babiri; baba bari umwe. “Aba ari akara ko mu marayiwe, akagufa ko mu magufa yiwe.” Kandi iyo umugabo canke umugore ahamagawe naMpwemu Yera mw'uyo Mubiri-Banga wa Kristo, bahinduka ingingo zuzuye z'uyo Mubiriiyo bujujwe Mpwemu Yera. Kubera, Imana yakuye Mpwemu muri Kristo, izura umubiriwiwe iwicarika ku ntebe y'ubwami yayo, hanyuma irungika Mpwemu Yera kugira ngoagire Umubiri-Banga wa Kristo, akaba ari wo uzonywanishwa mu Birori vya bwaBukwe Umwami niyaza. Ntushobora kuwutunganya uwo Mubiri. Ni

uw'ibanga.

24 Yesu yabwiye Nikodemu ati: “Umuyaga uhuhuta ugana aho ushaka. Ntushoborakumenya iyo uvuye canke iyo ugiye. Ni ko ameze uwavyawe na Mpwemu.” Ntushoborakubitahura. Bizanana ahantu kanaka. Kandi si Metodiste. Si Batiste. SiPentekote. Si idini na rimwe. Ni Ivuka, kuvukira mu Bwami bw'Imana.

Rero,kugerageza kubutunganya, aho bica biba anti-Kristo, kuko ikintu cose kinyuranyen'Inyigisho za Kristo ni anti-Kristo.

25 None, iryo didi ryatanguriye he ubwo? Yesu, igihe yari kw'isi, ntiyigezeatunganya ishengero na rimwe. Yavuze kw'Ishengero ryari rigiye kuza, ariko ntiyigezeatunganya ishengero na rimwe. Nta shengero ryigeze ritunganywa, mu myaka amajanainyuma y'urupfu rw'intumwa ya nyuma. Ishengero rya mbere ryitunganije ryigezekubaho kwisi, ni ishengero Katolika y'i Roma. Kano kanya, ndafise ca Gitabucitwa Ba Data b'Imbere y'i Nikeya, Igitabu c'Abamaratiri ca Foxe, ivyanditswena Josephus, Ibihe vy'Intango ca Pemberman,na vyinshi vyandtswe n'abo banditsi bakomeye ba kera. Kandi nta hantu na hamwe,nta na hamwe vyigeze vyandikwa ku rupapuro na rumwe rwa kahise, aho higezehabaho ishengero ryitunganije gushika ishengero Katolika ry'i Roma ryitunganije.Hanyum y'aho ryaciye rihinduka idini, na vyo bikaba vyari bitandukanye n'Imana.

Rero,hamwe ikintu nk'ico kije…Ôo, icompa nkabibashikiriza ibi. Nimba ikintu nk'iki carikokiraza, hanyuma kikaba cari umwe anti-Kristo ahambaye, mbega Imana ntiyategerezwakuba yabimenye kuva kera, nimba ari Imana itagira iherezo? Nimba Itagiraiherezo, mbega ntiyoba yaramenye ibi bintu vyari bigiye kuza? Nimba kandi ari ikintugiteye ubwoba nk'uko, ntiyoburiye Ishengero ryayo imbere yuko biba? Ubu rero, ndibazayuko mufise ugutahura kwiza ku gituma nkubita ivyo, atari ku bantu bo mw'ayomadini, ahubwo ayo madini ingene yubatse. Nta kindi bishobora kuba atari anti-Kristo,muri buri rimwe muri yo.

26 Ubu wovuga uti: “Hinge gato, nahora niyumvira ko ata kindi wigisha atariBibiliya gusa.”

Aho rero reka tureke Bibiliya ivyivugire. Reka tuzingurure aka kanya hanyumadusome gato. Nimuzingururire hamwe nanje mu Vyahishuriwe Yohana, ikigabane ca17. Iyi ni impishuro ya Yesu Kristo, kw'Ishengero ryiwe, Ishengero ryahamagariwegusohoka. Ivyahishuriwe Yohana 17. Turagerageza kubikora twihuta bimwebishoboka. Ariko aka kanya mwihweze mu gihe dusoma.

…Haza umwe muri ba bamarayika ndwi bari bafise zanzavya ndwi, avugana nanje, arambwira, ati Ngwino nkereke iteka rizocirwamaraya w'agahebuza, yicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi:

Rero, ibi vyose biragereranywa, kuko ari uguhishura kwa Yesu Kristo, bidomwekoishashara. Ivyo mwari mubizi? Ni ikintu kinyegeje, kandi girashobora guhishurwagusa, atari n'iciyumviro c'ubwenge, ahubwo gishobora guhishurwa na Mpwemu Yera biciyemu ngabire za Mpwemu. “Uwuri n'ubwenge naharure igitigiri c'ico gikoko. Uwurin'ubwenge, ingabire y'ubwenge, nakore ibina biriya.” Rero kur'iyi mpishuro.

27 Rero, umuntu wese arazi yuko iyo umugore agereranijwe muri Bibiliya, biba vyegaishengero. Ishengero rya Kristo ryitwa “Umugeni.” Paulo yavuze ati:“Mbashingire Kristo nk'inkumi itunganye.”

Hano rero turiko turavuga umugore w'agahebuza gusa akaba ari umugore azwi nabi.Umumarayika abwira Yohana ati: “Ngwino hano nkwereke iteka riciriwe umwe marayaw'agahebuza yicaye ku mazi menshi.” Rero, “umugore yicaye ku mazimenshi,” vyumvikana nk'ibitahuritse cane, ariko vyose biri hano. Bibiliyairabisobanura.

Akakanya reka tuzingurure mu kigabane ca 15, kugira ngo dushobore…nako ku murongowa 15, mw'ico kigabane nyene, kugira ngo mubone ico a—a—a—ayo “mazi” asobanura.

Arambwira ati, Amazi wabonye maraya yicarako, ni yomoko n'amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi.

28 Kubw'ivyo, ayo mazi uwo mugore yari yicayeko, yari afise ububasha ku “bihugu,amahanga, amakungu y'abantu n'indimi.” Yagenzura vyose; umugore, umugore yari azwinabi.

Rero,umugore abaye uwuzwi uwuzwi nabi, hamwe twumvise umugore avugwa gurtyo mu bisanzwe,kuri a-umugore, twamenya ko atari ukuri ku mugabo, twoca tumenya yuko atariumwizigirwa ku mugabo wiwe. Ukwo ni ko yoca yitwa. Mw'ico gihe yoba yivugishango abayeho ari umwizigirwa ku mugabo, ariko akaba abayeho atari umwizigirwakuri we. Mbega ukwo ni ukuri?

Eregana none, iri ni ryo shengero rivuga ko Kristo ari Umugabo waryo, hanyumainyigisho zaryo zikaba zinyuranye n'Inyigisho ziwe. Ni maraya. Kandi afiseubutware mahanga n'amakungu n'ibihugu. “Ngwino hano nkwereke iteka aciriwe.” Uburero turaronse iyo shusho.

29 Uyo abami bo kw'isi basambana na we, ababa kw'isibakaborerwa vino, ni zo busambanyi bwiwe.

Ubusambanyi ni iki? "Guhumana; kuba uwanduye." Ni maraya. Afise umwanda kuriwe, kandi abatunzi bose bo kw'isi, abami n'abahambaye bo mu mahanga n'amakungu,basambanye na we, bifatanya n'ibibi vyiwe. Murabona aho bigeze, si vyo? Murabona?

30 Ubu rero, si jewe nanditse Ibi, ariko ndabazwa hamwe ntavyigishijwe. Uh-huh. Turikotuvuga kw' ishengero aka kanya. Uburero, nimwitegereza, mu gihe twegera imbere.

Nuko anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu. Mbonaumugore yicaye ku gikoko gisa n'agahama…

Reka nshikire ibi bimenyetso mu gihe tubandanya. Uburero, ibara ry'agahama ni iritukura.Ibara ritukura, mu ruhande rumwe, ni ibara ryiza. Ibara ritukura, mu rundiruhande, ni ibara ribi, urumuri rutukura, ibara ry'irinde. "Gisan'agahama…Cari gisa n'ibara ry'agahama," iritukura, imaraya.

"Kandi yariyicaye ku gikoko." Igikoko, muri Bibiliya, gisobanura "ububasha." Hamwemwihweje, abakozi b'Imana benshi,mbonye bavyemeje bakoresheje umutwe, kubera ko ari abigisha ba Bibiliya. Igikokogisobanura "ububasha."Turabona ibi bikoko vyo muri Bibiliya, mu Vyahishuriwe Yohana 13, na bimwe vyomuri Daniyeli, biva mu mazi; ibikoko, ububasha, buzanana mu bantu.

31 Ariko mwabonye?Mu Vyahishuriwe Yohana 13, igihe Amerika yaseruka, ni co gikoko conyene muriBibiliya, caserutse, kitavuye mu mazi. Bibiliya yavuze ko cazananye mw'isi,ahatari abantu. Ubwo bwari ubwami bushasha. Kandi casa nk'umwagazi w'intama,ariko inyuma y'akanya cavuze nka ca gisato. Ni iki gihugu. Bitegerezwa gushika.Umunsi umwe bazokora ikosa batore uwutari we. Bazoshira hejuru Yosefu, nako…"Farawoatazi Yosefu." Bagerageje kuva kera, kandi bazongera kubikora, nibatsindwa kw'iyincuro. Amaherezo bizoza. Bibiliya yarabivuze. Ubu rero, jewe si ndiumunyepolitike. Izo mpande zompi zirahengamye. Nshize ijwi ryanje kuri YesuKristo. Ni We wenyine anshimisha. Ariko, ndababwire, vyobabera vyiza muhanaguyeamarori yanyu aka kanya, mwiteze umwidegemvyo uwo ari wo wose kubana banyu.Sinzi uko vyegereje. Musenge. Neza cane.

32 Mugire… Nimwihweze.

Nuko anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu. Mbonaumugore (ishengero) yicaye ku gikoko gisa n'agahama, cuzuye amazina y'amarogotano, gifise imitwe ndwi n'amahembe cumi.

"Imitwe ndwi."Aha havuze: "Imitwe ndwi," yari kur'ico gikoko, "ni yo misozi ndwiico gisagara cicayeko." None ni ikihe gisagara cubatswe ku misozi ndwi? [Ikoranirorivuze riti: "Roma." —Umw.] Roma, neza cane, igisagara cicaye ku misozi ndwi; ishengero,umugore, maraya izoganzisha isi ububasha bwiwe. Emwe, biratomoye co kimwe nko gusoma ikinyamakuru. Murabona? Koko.

33 Ubu rero.

Uwo mugore yambaye impuzu y'inyambara-bami, n'iy'agahama, (uwo mugore, iryo shengero, ritunze), yari yisakaje inzahabu n'utubuyengetw'igiciro kinini,…

Mbwira ahoumwe muri bo yigeze atanga ikori ku nyungu. Mbwira aho barihishwa ikori ku bintuna bimwe. Baba bafise uburenganzira hose, mu bintu vyose bashatse gukora. Yamara,Imana irafise abana. Koko Irabafiseyo.

Ni ha handinyene, inkono ntiyotwenga urwavya ngo rusa n'agafyiri. Kenshi, Abaporoti bavuga bati: "Emwe,Abakatolika, bishe aba, barya na bariya." Ni nde yishe Joseph Smith? Sinemeranya na we. Arikoyari afise uburenganzira bwo kwigisha nk'uko nanje mfise, hano muri Amerika. HanyumaIshengero rya Metodiste ryica Joseph Smith. Iyo mushitse mu Gisagara c'Ikiyagac'Umunyu, usanga handitseko n'ibidome binini-binini ngo: "Mwe Bametodiste, mucungirehafi ivyo bihori vy'Abamorumoni." Neza cane. Ishengero rya Metodiste ryarasheJoseph Smith. Abaporoti! Rero, ntimurenze urwamo ku vyerekeye Katolika. Nimurabe,mu minota mikeya, na Bibiliya iraza kubivuga,

34 ...inzahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita,afise igikombe c'inzahabu mu nimwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyibwiwe, inyigisho ziwe, ivyoyatanga, abami bo kw'isi bariko barabinywa.

Umuntu wese yoshobora kwizera ivyo, yoshobora kwizera na vya binini vyavitamine vya Mwene Data ngo: "Urashobora kumijagira amazi ku mugore amazeimyaka mirongo itatu yubakanye n'umugabo, kandi afise abana benshi, hanyumaakamusubiza kuba isugi hanyuma akamurungika ku buriri bw'umugeni muri iryo jorohamwe n'umugabo wiwe." Umuntu wese yoshobora kwizera ko amazi ahezagiye yokoraivyo, yoshobora kwizera ivyo ari vyo vyose. Ni vyo.

Arikoabami bo kw'isi barakora ibintu nk'ivyo. Ni kugira ngo bashoborebumva bafise amahoro. Ibwina mu mitima yanyu murazi ko mwaboze. NimwakireAmaraso ya Yesu Kristo kugira ngo aboze. Ariko noneho nimurabe, ni ryo shengerorya mbere ryitunganije, Bibiliya irabivuga hano.

35 Mu ruhanga afiseizina ryanditse ngo, BABULONI HAHAMBAYE, NYINA WA BA MARAYA KANDI

NYINAW'IBIHUMANYA VYO MW'ISI.

Ubu rero murabe. Twese tuzovyemera. Kandi ibitabu vy'Abaroma ubwavyo, ibitabu vyaKatolika ubwavyo, biremera yuko iryo ari ryo shengero ry'Abaroma. Ibitabu vyaboubwavyo biravyemera. Ndafise ico bita Ukurikw'Ukwemera Kwacu, gusa ni icumupatiri. Umukatolika umwe yarahindukiriye i… Uwo,umuhungu wiwe yari umupatiri, rero ampa igitabu. Mu nyuma aramuvugisha murusengero; yaraje kugitora, kandi gusa sinakimuha. Narakigumanyekubw'ikimenyamenya, nshaka kumenya ivyo navugako. Iyo mvuze ikintu, ntegerezwa kubandakizi. Imana izobimbaza.

36 Rero mwibuke, yitwa "BABULONI H'AKABANGA." Turabizi ko iryo ariishengero Katolika. Ariko, nimurabe neza, ni"NYINA WA BA MARAYA." Maraya ni iki? Ni ca kindi nyene ari, indaya. None rero, ayo madini yaturutse he? Ng'uyunyina wayo. Ico ni co bari, uhereye mu ntango. Noneho uravuga uti: "Ivyo nianti-Kristo." Ni vyo. None nimba ari anti-Kristo, none bite ku bijanyen'aya madini yacu? Nk'uko maraya n'indaya ari ikintu kimwe, "gusambana, gukoraubushakanyi," kwemera ibintu vy'ibinyoma kubera ivyiyumviro n'ubwenge vy'abantu.Nk'uko Bibiliya yabivuze, ngo "Bigisha ivyagezwe n'abantu ngo ni ya Nyigisho." Ivyoni vyo bita ishengero uyu munsi, binyuranyen'Ubwami bw'Imana.

37 Ni nko mw'Isezeranorya Kera. Imana yashaka kuba Umwami aganza Isirayeli, imbere yuko iba ishengero,kandi ni Yo Yari Umwami. Hanyuma nubwo bari bafise umuvugishwa Samweli, umuntumwiza, kandi amaze kubabwira ivyo, nimba bashaka umwami. Ariko bo bashakakumera nk'ayandi mahanga yose. Bashaka kumera nk'Abafilisitiya.

Aho ni ho hari ingorane hamwe n'abantub'Abapentekote. Ntibazobireka ngo bibe vyiza ku buryo babireka ukwo nyene. Bagiragusa…Igihe Mpwemu Yera yamanuka kuri bo hariya hakurya, hashize imyaka mirongoine, ubushobozi butangura gucukumbuka, batangura gutamba no gukoma induru, nokuvuga mu ndimi, ntibabiretse ukwo nyene. Vyabaye ngombwa ko babitunganya.Hanyuma haraje idini rimwe, babita Inama Nkuru. Mu nyuma haje irindi, rifiseUmuco mukeya kw'Izina, Yesu Kristo, maze babita "Ingorane Nshasha" baca barabirukana.Baca bironkera idini ryitwa P.A. ya J.C., [Pentecostal Assemblies ofJesus Christ—Umus.] Amakoraniro ya Gipentekote ya Yesu Kristo. Ukutumvikanakanaka kwaduka hagati yabo, ngo nimba Azozira kw'ifarasi year canke ingeneazoza, baca bagira irindi dini ryitwa P.A. ya W., [Pentecostal Assemblies ofthe World—Umus.] Amakoraniro ya Gipentekote y'Isi. Ôo, bagenzi! Mu nyuma hazaIshengero ry'Imana. Na bo mu nyuma batandukanywa n'ubuvugishwa, bongera kugirairindi dini. Igihe cose mubikoze, muba muvuye mu bugombe bw'Imana. Impwemu ya anti-Kristo!

38 Ishengero ry'Imana riridegemvya. Ishengero ry'Imana nta ngoyi na zimweziriboshe, kuko, uhereye ku Kiyaga ukagera ku Kindi ni ivy'Imana, ikiremwamuntu cose kiri kw'isi ni icayo. Yaba ari Umukatolika, Umuporoti, canke uwo ariwe wese, Imana irondera abafise imitima y'imvugakuri. Kandi dukizwa n'ukwizera,kuyizera. Iryo ni ryo Shengero. Rero murabona, iryo Shengero si idini.

Kandi igihe cose muzobona idini, muzoce mwibuka gusa, akajambo "anti-Kristo"kaba kanditse kuri ryo. Ng'ibi hano muri Bibiliya. Ivyo biratomoye cane nk'ukonzi kubisoma. Ndafise abagenzi benshi b'igiciro kinini bicaye ng'aha, barimw'idini, simvuze ngo muri ba anti-Kristo. Sindiko ndabita uko. Ariko inyuma y'icokintu cose iyo kiva kikagera, kandi bisa nk'aho satani yabigoretse ku buryo utegerezwakugira ikintu mwen'ico, bitabaye ivyo ntibazobemerera kuvuga ubutumwa.

Ni ico kintu nyeneamahanga yakoze. Ntushobora kuba umuntu udafise igihugu uvamwo. Utegerezwakugira igihugu uvamwo ahantu runaka. Mwo kimwe utegerezwa kuba Umunyamerika, Umudagi,canke ikindi kintu. Murabona, vyose biragoretswe hirya no hino.

39 Rero, muvyukuri, Umukristo w'ukuri yavutse ubwa kabiri ni inyererezi. Imbere y'isi ni umuntu w'umugumutsi. Ariko imbere y'Imana afise agaciro. Ese iyaba twari dufise umwanya wo kuja muBaheburayo 11, tukaraba ivya ba barwanyi b'abahizi b'ukwizera. Ukuntu Aburahamu yasohotse akiyita ingenzi nakavantara, yavuga ko iyi si ari iwe, ariko yayerera, arondera ca Gisagara icoumugezi n'umwubatsi waco ari Imana. "Rero, kubera twapfiriyemuri Kristo, duhinduka Uruvyaro rwa Aburahamu, kandi turi abaragwa kuri We,kubw'isezerano." None ivyo biduterakuba iki? Ingenzi n'inyererezi.

40 IgiheAbisirayeli bava mu Egiputa. Hariho Mowabu, igihugu gihambaye citunganije. Hariho kandi Esau, igihugu gikomeyecitunganije. Hanyuma hano harihoAbisirayeli, batari idini, bariko baraza. Abo bompi, mu bijanye n'urufatiro, bari mw'Ijambo. Mwibuke, Balamu yatanze ca kimazi nyeneAbisirayeli batanze, ibicaniro ndwi, ivyo Imana yasaba. Ibimazi ndwi bitagira agasembwa, impfiziz'intama ndwi, vyerekana ukuza kwa Wa Mugororotsi. Mu vy'urufatiro, bompi bari bafise ukuri, tuvuzekuvy 'urufatiro. Ariko ico Balamuyananiwe kubona, yananiwe kubona irya Ndengakamere muri Bisirayeli, iwo mugwiutari idini. Nta hantu ho kuja baribafise, bariko barayerera, gusa bari mu nzira yabo berekeza ahantu kanaka.

Ukwo ni ko Ishengero ry'Imana nzima rimeze uyu munsi. Ntiryitunganije, nk'uko isi ibibona. Ariko rifatanirijwe hamwe, atari ugufanywan'ingoyi z'idini, rifatanijwe n'ubushobozi na Mpwemu wa Yesu Kristo, n'imigozi y'urukundo.

41 Bituma Umumetodiste n'Umubatiste bafata ku rutugu bakabwirana bati: "Mwene Dataw'igiciro, mu gihe babona ko badashobora kugendana kiretse bavyumva kumwe.

Umuntu abajijeati: "Uri Umukristo?"

"NdiUmubatiste." Ivyo ntibiba vyishuye ico kibazo. "Ndi Umukristo? NdiUmupentekote." Ivyo ntivyishura ico kibazo.

Nimba uri Umukristo, uri icaremwe cavutse ubwa kabiri. Wavukiye mu Bwami-Bangabw'Imana. Amaso yawe ntari ku bintu vy'iyi si, ariko atumbereye kuvy'iyoHejuru. Kandi aho ni igihe uba uri mur'iryo Shengero. Iryo ni ryo Shengero. Siidini. Ntirishobora kuba idini na mba. Mumfatire kw'aya majwi. Iryo Shengerory'Imana nzima ntirishobora na mba kuba umugwi kanaka n'umwe. Ntirishobora kubaidini. Ritegerezwa kuba Umubiri-Banga, Mpwemu Yera. Imbere gato, nitwaronkaumwanya, turaza kuvyinjiramwo.

42 Noneho, ubu murabona ico Ishengero risobanura? Ishengero risobanura umugwi w' "abahamagariwe gusohoka",abantu bahamagariwe gusohoka baganzwa gusa n'Umwami w'ubwo Bwami bwaKimesiya. Ôo, mbega ivyo si vyizacane? Ndabikunda. Iyo nsomye iyo muri… uyu munsi. Kandi iyo aho havuze ngo: "Ubwami, Ubwamibw'ubwami bwa Kesiya," Umwanditsi yavyanditse ngo: "Ubwami bw'ubwami bwaKimesiya." Umwanditsi yavuze kandi ngo:"Nta kintu na kimwe citwa Ishengero ry'Imana nzima ryigeze ritunganywa. Idini ni ikintu cahinguwe, kikazanwamwo,kugira ngo gifate ikibanza caryo."

43 Uko ni kwo izo nyigisho zose z'ibinyomazazanywe, kugira ngo zifate ikibanza c'iy'ukuri. Ni co gituma uyo umugore yari afise mu minweigikombe c'umwanda w'ibizira vyiwe. Rero, murabona, simvuze… Abapentekotebarâgīrwa co kimwe nk'Abagatolika, canke Ingenzi z'Ubweranda, Abanazarayo,canke Ababatiste, Abametodiste. Ariko,muri ayo madini yose, Imana irafiseyo abana. N'abo muri ubu Bwami bw'ibanga. Ikintu kimwe barindiriye ki kubona ico kintu gishitse, kikazocagikwegera imitima yabo muri Co. Uyumugoroba ndanezerejwe cane no kubona bariko bava i Buseruko, i Burengero, iBuraruko n'i Bumanuko bavyisokoramwo, basenga, barindiriye Ukuzakw'Umwami. Bibiliya yavuze ko bokozeivyo mu minsi y'iherezo. Ni vyokoko. "Bazokwiruka bava i Buseruko bajai Burengero, i Buraruko n'i Bumanuko, barondera Ijambo ry'ukuri ry'Imana;hazoba inzara atari iy'umutsima n'amazi, ariko yo kwumva Ijambo ry'Imana."

Bashaka ngo: "Ngwino wifatanye n'ibi. Ngwino winjire mur'ibi." Nta nakimwe gihari co kwifatanya na co. MuBwami bw'Imana, nta na kimwe ushobora kwifatanya na co. Ni ikintu ucishwamwo co kuvukira mur'iryoShengero, atari kwifatanya na ryo. Noneho, ivyo ndashobora kuza kubishikira imbere gato bike, mu mwanyamuto. Ndife ibindi Vyanditswe vyanditsehano.

44 Ariko noneho reka tuje ciyumviro kigira kabiri, kugira ngo tugerageze kubicakovyose. Ninde yawushizeho, ni kuvuga uwoMubiri-Banga? Ninde yawutangujeUwo? Yesu Kristo. Kandi ni… Ni We Mutwe w'uyuMubiri-Banga. Ni We Mwami awuganza,agakora ivyo agomvye mu bo aganza. Atariukuganza kw'umwepisikopi canke ubuyobozi bw'inama y'ishengero; ariko Umwami,ari We Mesiya ubwiwe akorera mu Bwami bwiwe. Bwatanguye ryari? Kuri Pentekote.Atari idini rya Pentekote; cakimenyamenya co kuri Pentekote. Ni ho bitangurira no kuri wewe. Yaravuze ku kuza kwavyo. Yavuze yuko vyoshitse. Yavuze yuko vyariko biraza.

45 Noneho, nimba tubishaka, turashobora kuzingurura muri Luka, ikigabane ca 24,umurongo wa 49, hanyuma turashobora kubona hano, dutangure gusoma Icyanditswebimwe kugira ngo aba bantu bariko barakurikira ibi bavyandike ahantu. Luka 24:49, turabe ivyo yavuze.

Umve, ngira mbarungikire ico Data yasezeranye; arikomugume mu gisagara, kugeza aho muzokwambikirwa Ubushobozi buvuye mw'Ijuru.

Ubu rero, Yaravuze kw'Ishengero ryariko riraza, Ubwami bwariko buraza. Akakanya nimuzingurure hariya muri Matayo 16:18, avuga ngo: "Kur'urwo Rutare,"Yokwubatse Ishengero, "amarembo y'i kuzimu ntiyoroshoboye." Ivyo tugiratubishikire mu minota mikeya, mu gihe tubanda kw'uyu mutwe w'icigwa. Ivyakozwen'Intumwa 1:8.

Ariko muzohabwa ubushobozi, Mpwemu Yera niyabazako,muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, n'i Yudaya hose, n'iSamariya, no gushitsa ku mpera y'isi.

Ubwami buzoza bw'ivyabona: ivyabona vy'izuka ryiwe, ivyabona vy'ubushobozibwiwe, ivyabona vyiwe vy'uko ari Muzima. "Muri ivyabona vyanje," ubu rero, Ivyakozwe n'Intumwa 1:8.

46 Noneho dusanga kandi mu Banyefeso, ikigabane ca 1, umurongo wa 22, kuri mwebwemuriko murandika. Gusa, hari vyinshi vyokwandika, kugira gusa twinjize umusumari, kugira ngo menye neza muri…murikomurabibona. Neza cane. Umurongo wa 22 w'Abanyefeso, ikigabane ca 1.

Kandi yamushikirije vyose, ibishira musi y'ibirengevyiwe, (Uyu ni Kristo) kand' imuha ishengero ngw abe Umutwe waryowo gusumba vyose.

Ninde yashizeho iri Shengero? YesuKristo. Nta musenyeri, nta mugwiry'abagabo, nta papa, nta bubasha bwakozwe n'abantu, habe na mba. Ariko Yesu Kristo yavuze ko Ryo ari ryo ryariUbwami bwiwe bwariko buraza mu bushobozi. "Bamwe bahagaze hano…" Ikigabane ca16 ca Matayo:

"Ndababwire ukuri, bamwe mu bahagaze hanontibazobona urupfu batabonye Ubwami bw'Imana buje mu bushobozi."

Iminsi mike inyuma y'aho, yarabambwe, hanyumaMpwemu Yera aramanuka. "Bamwe mubahagaze hano ntibazobona urupfu batabonye Ubwami bw'Imana buje mu bushobozi."

47 "Ugira ugarukane Ubwami mw'iki gihe?" Abayudani bo bamubajije uko.

Yavuze ati:"Si ahanyu kumenya iminsi canke ibihe, ivyo Data yashize vyiyumviro vyiwe. Ariko muzoronka Ubushobozi." Ivyakozwe n'Intumwa 1, "Muzoronka UbushoboziMpwemu Yera niyabazako." MuzoronkaUbushobozi nibamara kukugiraumwepisikopi, nibamara kukugira umuvugabutumwa, niwamara kuba papa, niwamarakuba umupatiri? "Muzoronka UbushoboziMpwemu Yera niyabazako." Ivyo ni vyovyabona Imana yariko irarondera, icabona Mpwemu Yera amaze kuza. Atari icabonako ndi umwepisikopi, atari icabona c'uko ndi umwungere. Ariko icabona (c'iki?) ca wa Mwami yazutse.Ng'iryo Ishengero ry'ukuri ry'Imana nzima. Neza cane.

48 Hanyuma kandimu b'i Kolosayi 1:17 na 18, turashobora gusoma ibi ko tubishikiriye. Ab'iKolosayi 1:17 n'umurongo wa 18.

We yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri We vyose niho bifataniye. Ni We Mutwe w'Umubiri, niwo Shengero: kandi ni We tanguriro, ni We Mfura mu kuva mu bapfuye, kugira ngw'abe agaheta muri vyose.

Ni nde ariumutwe w'iri Shengero? Yesu Kristo. Ubu Bwami ni nyabaki? Ubwami bwa Kimesiya,Ishengero, atari idini; Ishengero, Umubiri-Banga uwo Kristo ari We Mutwe wawo.Ôo, ivyo ndabikunze, kugendera muri Mpwemu, wumvira Uwo Mwami. Uba umusazikw'isi; ukaba uw'igiciro mu maso y'Imana. Kugendera muri Mpwemu; gutahurwanabi, gutwengwa, gucokorwa. " Mber' abagomba bose kugenda bubaha Imana barimuri Kristo Yesu, bazohamwa. Nimba barahamye abavugishwa babitangiye imbere,bakita Nyene urugo 'Beyezebuli' mbega ntibazorushiriza kuvyita abigishwa biwe?"Ariko mugendera muri Mpwemu, mutera umugongo ibintu vy'isi, mutaboshwen'umugozi n'umwe. "Uwo Umwana aha umwidegemvyo aba yidegemvya koko." Amen. Iryoni ryo Shengero ry'Imana nziza. Uwo ni We yaritanguje.

49 Ubu reroturabina, kur'ibi vyabona, mu Vyakozwe n'Intumwa 1:8, Yavuze ati: "Muzomberaivyabona Mpwemu Yera niyabazako."

Ishengero niiki? Umubiri-Banga wa Kristo. Nindeyarishizeho? Umwami Yesu, We nyene ubwiwe. Ntiryashinzwe i Roma. Nta nubwo ryashinzwemu Bwongereza na John Wesley. Ntiryashizweho na Calvin, canke muri Amerika, nawa Mubatiste, John Smith. Nta nubwo ryashinzwe muri California, n'Abapenteko. Ryashizwehona Yesu Kristo, Umwami w'uwbo Bwami bwa Kimesiya. Uwo ni We yarishizeho. Ni WeMwami. Ashaka kuba Umwami. Ashaka kutuganza. Ashaka kuba Umwami. Ashakakutuganza.

50 Abantu baramwemerera akinjira bavuga ngo: "Ndamwemeye abe Umukiza,"ariko ntibazemera ko ko aba Umwami. Umwami bisobanura "nyene vyo, inganji.""Injira mu mutima wanje, Mwami, unkize gehinomu, ariko ntumbwire ivyo nkora."Iyo ni yo nyifato y'abantu. Iyo ni yo mpamvu. Ntibitangaje kubona Bibiliyayavuze iti: "Ameza yose yuzuye ibirutsi." Murazi ibirutsi ivyo ari vyo. "Nkukoimbwa igaruka ku vyo yadashwe." Nimba ayo madini adakora, ubwa mbere, hanyumaImana ikaba yategerejwe kuyadahwa; usubiye kuri yo, azogutera kudahwa kandi.Yavuze iti: "Icompa ugakonja canke ukabira. Kubera ko uri akazuyazi, ngirankudahwe." Utuma Imana irwara mu nda, hanyuma igaca itudahwa.

51 Mbwira idini ryigeze kugwa, ryongeye guhaguruka. Nyereka muri kahise ahari narimwe ryigeze kubikora. Umuntu umwe azohaguruka afise igikorwa c'ibango, Imana igahezagirauwo muntu. Murazi ica mbere, azoca ahindukira akoranye abantu maze bagire idinimuri ico kintu, kandi gica gipfira aho nyene. Nimwihweze muri kahise hanyuma murabeko hari na rimwe ryigeze risubira kuvyuka. Nta na rimwe, kuko hose ni impwemuya anti-Kristo mu bantu.

52 Ni nka Mose, hamwe na bamwe bishakira ikintu boshoboye gukora ubwabo. "Mwami,twaronse abanywanyi benshi muri uyu mwaka." Ivyo bihindura iki rero, ufiseabanywanyi bangahe? Abanywanyi b'ishengero si bo turiko turarondera. Turiko turonderaingingo za wa Mubiri wa Kristo, zavukiye mu Bwami bw'Imana, "bitavuye kubugombe bw'umuntu, ariko bitewe n'ubugombe bw'Imana," bitavuye ku mpwemu y'umuntucanke ubwenge bw'umuntu.

Paulo yavuze ati: "Sinigeze nzaanyu nzanye ubwenge bw'umuntu. Naje iwanyu hamwena Mpwemu w'Imana n'iubushobozi bw'izuka ryiwe, kugira ngo ukwizera kwawe ntigushingireku bwenge canke ku majambo y'umuntu, ariko kwubakire ku bushobozi bw'ukuzuka kwaYesu Kristo." Ivyo ni vyo yajemwo. Imana idufashe, kugira natwe dukore ivyonyene.

53 Rero, ntidushaka kumara umwanya munini kuri buri kimwe. Ubu rero nshakakumenya: Ubutumwa bw'iri Shengero ni ubuhe? Iri Shengero ryategerezwa kwigishaiki? Ubutumwa bwaryo ni ubuhe?

Ubutumwabwa mbere nshobora kwiyumvira, ubwo iri Shengero (Umubiri-Banga) rizokwigisha, kuzobaari ukwihana. Reka twongere tuzingururure muri Luka 24, akanya gato. Luka, ikigabaneca 24. Ikintu ca mbere iri Shengero ritegerezwa gukora, ni ukwihana, kandi rizokwigishaukwihana. Rero, Yesu, igihe yari yimirije kugenda, iki ni co kigabane ca nyuma,igihe ari hafi kuva mw'isi. Luka 24:46, reka duhere ku murongo wa 46.

Arababwira ati, Ni ko vyanditswe yuko Kristo akwiyekubabazwa no kuzuka mu bapfuye ku munsi ugira gatatu:

Kandi yuko ukwihana no guharirwa ivyaha…

Ôo,ndashaka ko ivyo vyinjira, kubera hari ikintu ngira nshikire mu munota umwe,kur'uko, “guharirwa ivyaha.”

Kwihana ku Mana no guharirwa ivyaha bikwiye kuvugwamw'Izina ryiwe mu mahanga yose uhereye i Yerusalemu.

Namwe muri ivyabona vyo gushingira intahe ivyo.

54 Ubwo ni bwo butumwa bw'ishengero, ivyabona vy'ubwo butumwa. Ukwihana no guharirwaivyaha bitegerezwa kwigishwa mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu. Ôo, ubwiza!Amadini yatanguriye he? Yerusalemu? Oya, mushingantahe, ni i Roma. Ni igikicatanguriye i Yerusalemu? Umubatizo wa Mpwemu Yera; umubatizo wo mw'Izina ryaYesu kubwo guharirwa ivyaha; kwihana ku Mana. Ivyo bitangurira i Yerusalemukandi bitegerezwa gushika mu mahanga yose. Haleluya! Murabibona? Ivyanditswebivuga biti: “Bikwiye ko Kristo ababazwa.” Ni We urya muvugishwa yariko aravuga.Ni We Bibiliya yose ishingiyeko, ivuga kuri We. Mu vy'ukuri Yari azi igikwiyekwigishwa. Yari azi igikwiye gukorwa. Kandi Yavuze ati: “Ukwihana no guharirwaivyaha bitegerezwa kwigishwa mu mahanga yose kugira ngo bibe igishingantahe, uhereyei Yerusalemu.”

Uburero, idini ryo ritangurira i Roma. Ishengero ry'idini ritangurira i Roma; rigatandukiramu Budagi, kuri Martin Luther; mu Bwongereza, kuri Wesley; kuri Amerika, kuriJohn Smith; California, ku Bapentekote.

ArikoIshengero ritangurira i Yerusalemu. “Kwihana ku Mana, n'umubatizo wo mw'Izinarya Yesu Kristo kubwo guharirwa ivyaha, bitangurira i Yerusalemu. Kandi bategerezwa…”Yavuze ati: “Bategerezwa.” Ntibivuze yuko bose bazoshikako. “Bategerezwa gutangurira.Bitegerezwa gushika kw'isi yose. Bategerezwa kwigishwa.” Ariko hari ni bike cane.Ariko ivyo ni vyo Yavuze, Ubutumwa bwaryo, ubwo ni bwo Butumwa bw'IiryoShengero. Nyereka ishengero ryigisha Ivyo. Mbwira aho bigeze. Ntavyo wobona.

55 Rero, Yesu ni Umwami, ubwo ni bwo Butumwa bwa kabiri. Yesu ni Umwami, akabaMuzima ibihe vyose. Matayo 28:20. Yesu ni Umwami, akaba Muzima ibihe vyose. Ivyoni vyo iryo Shengero ryategerezwa kwigisha. Matayo 28:20.

Mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndikumwe namwe iminsi yose, gushika ku muhero w'isi.

Mbega ukwo ni ukuri? Abaheburayo 13: 8, “Yesu Kristo ni Wa Wundi nyene ejohahise, uyu munsi n'ibihe vyose.” Ubwo ni Ubutumwa bw'iryo Shengero: gukora igikorwaciwe, kwerekana izuka ryiwe, no kubishingira intahe.

Uburero, mu Vyakozwe n'Intumwa 5:32, ni ho tubonera nimba barabigize cankebatabigize. Mu gihe tuzingurura Ivyakozwe n'Intumwa, ikigabane ca 5, umurongowa 32.

Natwe turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo, naMpwemu Yera na We ni uko, Uwo Imana yahaye abayumvira.

Ategerezwa gushingirwa intahe.

56 Yohana 14:12, Atanga inyigisho, ico Ishengero ritegerezwagukora. Muri Yohana ikigabane ca 14, u… ku murongo wa 12, turaraba ico havuga.Yohana 14:12, nuko turahasoma, tubishire ku mugaragaro. Neza cane. Yohana 14, kumurongo wa 12.

N'ukuri, n'ukuri ndababwire: Unyizera Jewe ibikorwankora na we azobikora, kandi azokora n'ibibiruta, kuko Jewe ngiye kwa Data.

Ubwo ni bwo Butumwa bw'iryo Shengero. “YesuKristo Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose,” aba mw'iryoShengero, Umwami w'iryo Shengero, yazutse mu bapfuye. “Wa Wundi nyene ejohahise, uyu munsi, n'ibihe vyose,” rikora vya bikorwa nyene, rikora vya bintu nyenenka bimwe Yesu yakoze. Ubwo ni bwo Butumwa bw'iryo Shengero. Nimba ishengeroritariko ryigisha Ivyo, ririko ryigisha

tewolojiya kanaka y'ibinyoma. Ivyo nivyo Yesu yabategetse kwigisha.

57 Ikindi kizoba ikihe? Tuzomenya dute nimba abo bantu…Bavuga bati: “Erega,ndizera.” Reka turabe igikorwa ciwe ca nyuma ico ari co ico Yahaye Ishengeroryiwe, ku bizera, Mariko 16. Nimufate muri Mariko, ikigabane ca 16, hanyuma turabeubutumwa bwiwe bwa nyuma ubwo ari bwo kw'Ishengero, hanyuma duca tubona nimba turikoturakurikiza ico gikorwa ciwe yaduhaye. Mariko 16, reka duhere ku murongo wa14.

Hanyuma yiyereka bamwe cumi n'umwe,aha ni inyuma y'ukuzuka kwiwe, bicaye bariko bararya…

Ng'iki rero igikorwa Ishengero ryahawe, nimwumvirize, igikorwa ca nyuma. Ducatwisuzuma, nimba turi abizera, canke nimba turi muri iri Shengero, canke tutarimuri Ryo.

Hanyuma yiyereka bamwe cumi n'umwe, bicaye barikobararya, abagaya ukutizera kwabo, no gukomantara kw'imitima yabo, kukobatemereye abamubonye, amaze kuzuka.

58 Hariho uwari yamubonye. Umuntu kanaka yariko agerageza kubibabwira, ariko ntibavyizera.Nimba atar'uko bimeze uyu munsi. Turazi ko ari Muzima, turafise igishingantaheca Mpwemu wiwe muri twebwe. Turabona ubushobozi bwiwe bugendagenda hejuruy'amakoraniro, hamwe n'abantu ibihumbi n'ibihumbagiza, kandi asuzuma ivyiyumvirovyabo—ivyiyumviro n'imitima nk'uko Yabikoze igihe Yari hano. Nk'uko Bibiliya ivugaiti: “Ijambo ry'Imana.” Kandi ni We Jambo ry'Imana. “Ubwa mbere na mbere Ijamboryariho, kandi Ijambo ryari kumwe n'Imana. Kandi Ijambo ryigize umubiri, ribananatwe.” “Ijambo ry'Imana rirakaze, rifise ubukuba buruta ubw'inkota y'uburyibubiri, ritanya ingingo n'umusokoro, risuzuma ivyo umutima wiyumvira ukagabira.”Kristo, “Ibikorwa Jewe namwe muzobikora.” Nimumubone ariko arabikora. Nibangahe bamubonye abikora? Ni vyo. Turabizi koabikora. Ni Muzima hano. Ari mu mitima yacu.

59 Ntibavyizera.Ntibavyizera ico gihe. Ntibavyizera n'ubu. Bizera ng: “Yarapfuye, ivyobirangiza ikibazo. Hanyuma dufise ubwoko bw'ikintu kanaka ca kahise, ivyoumuntu kanaka yadukanye mu myaka mikeya iheze hanyuma ashinga ishengero, mazeyandika ikatekisimu, ivyo rero ni vyo twumiyeko.” Iyo ni ivy'igipagani. Ni vyo!Nta kuri kuri mur'ivyo. Ôo, simvuze “ukuri,” umugabo ashobora kubayarabikoze. Umuntu ashobora kuba yarigeze kuba uwushimitse mu mutima. ArikoImana ntiganza Ishengero ryayo gurtyo. Ntiyigeze ibishaka irtyo.

60 Igihe basaba umwami,Samweli yarabahamagaye, ababwira ibi ati: “Ngomba ndababaze ikintu kimwe. Narigezendabahomvya? Narigeze ndabasaba ku mafaranga yanyu? Hari na kimwe nigeze mw'Izinary'Uhoraho kitari ukuri? Imana ntishaka ko mugira umwami. Ni Yo ishaka kubaberaUmwami.”

Amwishuraati: “Ô Samweli, koko, uvuze ukuri. Uri umuvugishwa mwiza. Ntaco wigezeutubwira atari Ukuri. Ntiwigeze udusaba amafaranga. Ivyo bintu ni ukuri. Ariko dushakakumera nk'abandi bose. Uko vyogenda kwose, dushaka umwami.”

Samweli ati: “Bizobababaza umutima bibateren'ingorane. Bizob-…Azobatwara abahungu banyu n'abakobwa banyu. Azobanduza, muvyo azokora. Azobikora.” Kandi yarabikoze. Ariko, bagumye bashaka umwami.

61 Uko ni kwobakora uyu munsi. Ôo, ni ngombwa ko kugira ubwoko runaka bw'izina ritumadikwako.Tubwirizwa kwishura ngo “turi Abametodiste, Ababatiste,” iyo abantu batubajije.Nimuvuge gusa ko muri Abakristo, ivyo ni vyiza, “kumera nka Kristo.”Amaze kuzuka mu bapfuye, ntibavyizeye.

Arababwira ati,(nimurabe igikorwa gihambaye bahawe), Mugendemuje mu…

Nibihugu bingahe kw'isi? [Ikoraniro rivuze riti: “Vyose.” —Umw.] “Ôo, niyumviriye,Yerusalemu gusa.” Hari umuntu yavuze ngo: “Ivyo bimenyetso vyabereye iYerusalemu gusa.”

Mu bihugu vyose mubwire ivyaremwo bose Ubutumwa Bwiza…

62 Ni bangahebazi Ubutumwa bwiza ico ari co? Si Ijambo. [MweneData Branham yerekanye Bibiliya yiwe —umw.] Paulo yavuze ati: “UbutumwaBwiza ntibwatujeko mu Majambo gusa, ariko mu Bushobozi n'ukwigaragaza kwa MpwemuYera.” Ubutumwa Bwiza ni Ubushobozi bw'Imana butuma Ijambo rikora ivyorivuga yuko rizokora.

“MwigisheUbutumwa Bwiza, kw'isi yose.” Mbega ni kwigisha Ubutumwa Bwiza ku bazungu gusa,canke ab'urukoba ruvanze, ab'urukoba rw'umuhondo, abirabura?

…ku vyaremwe bose.

Amen. “Abaremwe bose.” Murizera yuko bisigura ivyo nyene? Umunsi umwe narabonyeImana itesha umutwe impfizi y'inka. Narayibonye Ibuza amavubi kuryana. NarayibonyeIhagurutsa Oposumu, yari yaryamye aho ijoro ryose isa n'iyapfuye. “Ivyaremwevyose.” Ubutumwa Bwiza buzogira ubushobozi ku

kintu cose muzosaba.

Uravugauti: “Ivyo si vyo, Mwene Data Branham.” Burya ni vyo.

63 Yesu yabwiye ca giti ati: “Urakavumwa. Ntihagire uwongera kurya ku bikwamyeko,uhereye ubu.” Kandi Ubutumwa Bwiza bwarabwiwe ico giti. Amen. Wuu! Numva mereweneza cane, aka kanya.

“Ku vyaremwe vyose.” Amen. Kubwigisha iki? “Ivyaremwevyose.” Ôo, iyaba twoshoboye kuronka umwanya w'ibi bintu.

Uburero, uwizera akabatizwa azokizwa;…

“Ôo, ndizeye kondabatijwe.” Ni vyiza. Ni vyiza. Neza cane.

Uwizera akabatizwa, azokizwa, ariko uwutizeraazotsindwa n'urubanza.

“Ôo, ndanezerewe ko ndi uwizera.” Hinge gato gato. “Kandi,” kandi ni akajambo gahurizairyungane hamwe.

Kandi ibi bimenyetso…

Ôo,niyumviriye ko utizera ibijanye n'ibimenyetso. Ayo ni Amajambo ya Yesu We nyene.Nuyamuharirizeko.

…Ibi bimenyetso bizokwama… (Atari“kumbure; rimwe na rimwe barabikora.”)…Bizokurikira abizera;…

1Nonehotugiye kuraba nimba mwizera canke mutizera, tugiye kuraba nimba idini ryanyu ryizeracanke ritizera. Bashobora kuba bavuga ko bizera. Yesu yavuze ati: “Ibibimenyetso bizobakurikira abizera.” Emwe, bo barahakana ivyo bimenyetso.

…Ibi bimenyetso bizokurikira abizera;(Bangahe?) Bazosenda abadayimoni mw'Izinaryanje;…

64 Hanyuma namwemashengero mutizera ugukiza indwara kw'Imana! Ibi biriko birafatwa amajwi, murabitahura.Sindiko mvugana na mwebwe gusa. Hariho uwundi azovyumva. Muvuga ko mwizeraImana, kandi ko mwizera iki gikorwa catanzwe, yuko ishengero ryanyu ryahawe igikorwaco kujana Ubutumwa Bwiza; kandi ikintu kiza ubwa mbere ni ugukiza indwarakw'Imana.

Ni ikihe kintu cambere Yesu yabwiye abigishwa biwe igihe Yabarungika? Matayo 10:1, “Mukizeabarwaye, musende abadayimoni.” Ni ikihe kintu ca nyuma Yabwiye Ishengero ryiwe?“Mukize abarwaye, musende amashitani.” Alufa na Omega; Benyamini na Reyubeni; UwaMbere n'Uw'Iherezo; Uwamyeho, Uwuriho, Uwugira aze; Rwa Runyenyeri rwo muGaturuturu; Umuzi n'Igishitsi vya Dawidi. Haleluya! Uwo ni We. Egomemushingantahe.

“Ibi bimenyetso bizobikurikira abazoba bizeye.Mu Bazosenda abadayimoni mw'Izina ryanje.” I Yerusalemu gusa? “Kw'isi yose, noku vyaremwa vyose.” Mbega iyo ni Bibiliya? Ni vyo Yavuze. Ubwo ni bwo Butumwabw'iryo Shengero. “Isi yose, ivyaremwe vyose, Ubutumwa Bwiza. Abizera bose, ivyobimenyetso bizobakurikira.”

65 …bazosenda abadayimoni mw'Izina ryanje; bazovugaindimi nsha;

Namwe Banazarayob'aboro mubita akagwi k'abantu b' “indimi”. Ntimwonakwicara mw'ishengero hamwena bo. Mbega ivyo si bibi cane? Muzokora iki nimwashika mw'Ijuru? Yesu yapfuyeavuga mu ndimi. Bavuze ngo: “Yaravuze, kandi Yavuze mu zindi ndimi.” Koko. Yarazivuze.“Yavuze mu Giheburayo.” Ekaye. Irya si inyandiko y'igiheburayo. Yavuze mu rurimi rwo mw'Ijuru.

66 I—igihe Abeli yatanga umwagazi w'intama wiwe ku rutare, igihe uwomwagazi w'intama waba uriko urapfa, yaba ariko arawukerera izosi. Ikigereranyoca Kristo, hariya mw'itongo rya Edeni, uwo mwagazo w'intama muto watakamba murundi rurimi, mu gihe waba uriko urapfa. Warabigereranya, mu gihe ubwoya bwawo bwababwajojoteweko n'amaraso yawo. Wagereranya Wa Mwana w'Imana yamanikwa hariyahakurya i Gorogota, yaciwemwo ubunywenywe, kubera ivyaha vyacu, apfa avuga murundi rurimi, ati: “Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?”

67 Ubwo ni bwo Butumwa bw'iryo Shengero. “Bazosendaabadayimoni mw'Izina ryanje; Bazovuga ndimi nsha.” Ni vyo Yavuze. Ubwo ni bwo Butumwabw'iryo Shengero. Ivyo ni vyo ategeka Ishengero gukora, “gusendaabadayimoni; bazovuga indimi nsha.”

Bazofata inzoka; kandi nibanywa ikintu cica, ntikizogiraico kibagira; ba… nibarambika ibiganza ku barwaye,… bazokira.

Ico ni co gikorwa c'iryo Shengero. Iryo ni ryo Shengeroryizera ry'ukuri.

Mbega ivyo birigishwamuri Metodiste, Batiste, Peresipiteriyano, Katolika, mu Baluteriyano,

Nazarayo,mu Ngenzi z'Ubweranda? Oya, mushingantahe. Barabihakana. Ubwiza! Kubera iki? Baritunganije,kandi ntibashobora kubikora. Hariyo abanywanyi benshi bizera Ivyo, arikontashobora kugira ico abivugako, kuko boca bamuca. Iyo ni impwemu yaanti-Kristo yabagize idini.

Ishengero ry'Imana nzima ryavutse ribohorwa naMpwemu w'Imana, ntirikeneye idini na rimwe. Bakurikira Umwami w'Ubwami bwa Kimesiya.Bo si ngombwa ngo bakurikire ivy'abantu bavuga. Bavutse babohorwa, babohowe naWa Mwana yababohora rwose. Ivyo bimenyetso bizobikurikiza.

68 Ubu Butumwa Bwizabuzokwigishwa. Ni nde azobwigisha? Imana irashobora gufata abatize. Imana irashoboyeguhagurutsa mw'aya mabuye abana ba Aburahamu. Imana irashobora gukora icoIshatse gukora. Ni Imana, kandi ukwo ni ko ibikora. Igihe Yaza, ntiyigezeahamagara Kayafa. Ntiyigeze ahamagara n'umuherezi n'umwe. Ntiyigeze ahamagara n'umunyatewolojiyan'umwe. Yafashe abarovyi, abungere, abatize, batagira amashure. Bibiliyayavuze, ngo: "Petero na Yohana bompi bari abatagira amashure, batize." Ariko Yariashoboye kubaha, kandi Agakorera muri bo, Ubwami bw'Imana, maze bikazazaniraamaso n'ubwenge bw'abanyabwenge n'abahambaye. Bavuze bati: "Basanze ari abantubatazi kandi batize, gusa basanze bari barigeze kubana na Yesu." Kubera iki? Bari bafise Mpwemu wiwe kuri bo. Barikobarakora nka We. Bariko barakora bimwe Yakora. Ni vyo nyene Yavuze ko vyoshitse,Ubwami bwa Kimesiya. Ôo, mbega ukuntu nezererewe ibi bintu. "Ibi bimenyetso bizokurikiraabizera." Koko. Ibimenyetso bizobakurikira.

69 Ubu rero, ikindi kintu iri Shengero rizokwigisha, kuzoba ari ugukiza indwarakw'Imana, Ubutumwa bw'iri Shengero. Mpejeje kubivugako, muri Matayo 10, igiheYarungika Ishengero. Reka tuje muri Matayo 10:1, tubirabe gato. Raba ivyo Yesusyavuze igihe Yagena Ishengero ryiwe aritanguje.

Ahamagara abigishwa biwe cumi na babiri, abahaububasha ku mpwemu zihumanye n'ubwo kuzisenda, no gukiza indwara zose n'ubumuga.

Igikorwaca mbere Ishengero ryatumwe gukora.

70 Igikorwa ca nyuma ryahawe: "Nimugende mw'isi yose, mwigishe Ubutumwa Bwiza.Uwizera arabatizwa." Reka ndabisubiremwo uko vyategerezwa, ingene vyanditse. "Nimugendemw'isi yose, no mu bihugu vyose, maze mugaragaze Ubushobozi bwa Mpwemu Yera.Uwuzokwizera Ibi hanyuma akabatizwa, azokizwa. Uwuzobihakana, azocirwaurubanza. Ibimenyetso bizokurikira abizera ni ibi: Bazorambika ibiganza kubarwaye, bakire; bazosenda abadayimoni, bazovuga indimi nsha. Ivyo ni vyobimenyetso bizobakurikira." Umurongo wa nyuma uvuga ngo:

Abo bavayo, bigisha hose, Umwami Yesu akorana na bo,Ijambo ryiwe arishingishiriza intahe ibimenyetso birikurikira. Uku ni koIshengero rya mbere ryari rimeze.

71 Kandi nimwumve, Yesu yavuze ati: "Jewe ndi Umuzabibu,namwe muri amashami." Kandi nimba ishami ryamye, umuzabibu, uwo muzabibuurazana amashami, ishami rikurikira rije, rizoba risa na rimwe rya mbereryatangura.

Ôo,uravuga uti: "Mwene Data Branham, ariko nawe, raba ayo mashengero." Ayo niamashami y'amomekerano.

Rero,urashobora kwomekera igiti c'indimu. Urashobora gufata umucungwe ukawomekerakoindium, izokura. Uko ni kwo mwebwe bantu muvyomekerako. Kandi ayo madini niivyo umuntu yomekereyeko. Iguma ari indimu igihe cose. Bizokura kuberavyinyegeje mw'izina ry'ishengero. Ariko reka ndababwire, ico giti nicigera camairindi shami co nyene ubwaco, rizoba ari iry'umucungwe.

KandiUbushobozi bw'Imana nibwigera bwama irindi Shengero, izoba ari iyindiPentekote. Kandi ikindi Gitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa kizoca candikwa kuri ryo,koko, kubera ni Ishengero ry'Imana.

72 Yesu yavuze ati: "Jewe ndi Umuzabibu. Namwe muri amashami. Ntushobora kwamaivyamwa mwenyene, ariko ni Jewe ubwanje ninjira mw'ishami." None ryama ivyamwabwoko ki? "Ibi bimenyetso bizokurikira abizera."

Ishengero rigira kabiri rizohaguruka, Umubiri-Banga wa Kristo uzogira ivyo bimenyetsonyene. "Hasigaye igihe gito ab'isi ntibabe bakimbona. Ariko mweho muzombona,kuko nzoba ndi kumwe namwe, no muri mwebwe, mu mashami yose, gushika ku muherow'isi." Yesu Kristo Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose. Ng'iryoIshengero ry'Imana nzima. Ng'Uwo uwo riri. Ubwo ni bwoko bw'ivyabona afise.

73 Noneho,Ubu rero ikindi, iryo Shengero ritegerezwa kwigisha umubatizo. Utegerezwakubatizwa. Ico ni igikorwa ryahawe. Yesu yarabivuze hano, muri Mariko 16. Turazakubikoresha gusa. "Uwizera akabatizwa." Mwizere ubwa mbere, hanyuma mubatizwe kubwoguharirwa ivyaha vyanyu, maze muzoronka ingabire ya Mpwemu Yera.

"Kandi Mpwemu Yera na We azoza," bizoba inyigisho y'iryo Shengero. Kubera ko,Yesu yarabivuze, muri Luka 24:49. Turi hafi yavyo, reka rero tuhazingurure ubwakabiri, umurongo wa 49 hano. Twasomye

46 na 47. Turabe uwa 49.

Umva ngira mbarungikire isezerano rya Data, arikomugume, canke murindirire (kugumabisobanura “kurindira”) mu gisagara caYerusalemu, gushika aho muzokwambikirwa Ubushobozi buvuye mw'Ijuru.

Nimba Kristo atoretse umugwi w'abantu bagendanye na We imyaka itatu n'igice, ngobaje kwigisha Ubutumwa Bwiza na bumwe, nako ntibashobore kwigisha UbutumwaBwiza kugeza barindiriye Mpwemu Yera, uyu munsi Ishengero na ryo nyeneritegerezwa gukora ivyo nyene. Nimurindire Mpwemu Yera.

74 Nta gihe kinini gishize, nariko ndaganira n'umukenyezi w'Umukatolika, muriOregon, arambwira ati: “None, urashaka kumbwira ko ako kagwi k'ibipfu hiyohepfo hamwe wariko uravuga ubutumwa, basemerera bavuza urwamo, bakabandanyamw'ivyo, urashaka kuvuga ko bazoba bari mw'Ijuru, baganze mw'Ijuru?”

Nanje nti: “Egome, mukenyezi.”

Nawe ati: “Emwe, twebwe ntitwizera ibintu mwen'ivyo.”

Ncandamubwira nti: “Ni kubera mutizera Ijambo ry'Imana.”

Anyishuraati: “Twizera yuko Mariya adusabira.”

Nca ndamubwiranti: “Ivyo ni ivy'igipagani burundu.”

Ntiyigezeaba imana. Ni umugore. “Nyina w'Imana,”ni gute Imana yoshobora kugira nyina? “Mwaramutse Mariya, nyina w'Imana,” nigute Imana yoshobora kugira nyina? Yavyaye Umwana w'Imana, Kristo Yesu. Ntamugore arema. Yibungenga urubuto rw'umugabo. Umugabo si we arema. Imana ni yoirema ubuzima. Ni ko bisanzwe biteganijwe, ni ko Imana yabigize, kugiro uvyareabana. We, si nyina w'Imana. Imana ntishobora kugira nyina, kubera ntigiraintango canke iherezo ry'ubugingo. Ihoraho. Ntashobora kuba nyina w'Imana.

75 Rero naciye ndamubaza nti: “Vyogenda gute ndamutse nkubwiye ko uwo Bikirawanyu ahezagiwe, uwo mufata nk'imana, vyogenda gute hamwe nkubwiye ko Imana itomwemereyekuja mw'Ijuru kiretse akoze nka kurya kwa barya bantu b'ejo bundi ku mugoroba?”

Anyishura ati: “Ivyosi vyo.”

Ndamubwiranti: “Mbe wambwiye ko ishengero Katolika ari ryo ryanditse Bibiliya, intumwa,ukavuga ko bari Abakatolika? Ivyo ndabihinyuje. Nta shengero Katolika ryabayehokumara imyaka amajana atatu inyumay'urupfu rw'intumwa ya nyuma, kugeza inyuma y'Inama y'i Nikeya. Nyereka n'urupapurorumwe rwa kahise, ico ushaka cose; atari ikatekisimu yanyu, kubera koitagereranya kahise. Nta kintu nk'ico cigeze kibaho.” Ariko naravuze nti: “UwoMariya…Bibiliya yavuze ko Mariya, nyina wa Yesu, n'abandi bagore, hamwe nabamwe ijana na mirongo ibiri, bose bategerezwa kuduga kuri izo ntambwe bakajamu cumba co hejuru, bakuzura Mpwemu Yera, gushik'aho badandabagiranank'ababorewe, bavuga mu ndimi bongera bagira ibintu nk'umugwi w'imborerwa. Ivyoni vyo Bibiliya ivuga.” Naciye ntunga urutoke kw'uyu murongo, mvuga nti: “Wusome.”

Yavuze ati:“Sinshaka kuwusoma. Si ngombwa ngo ndawusome.”

76 Ndamubwiranti: “Nturi imvugakuri. Hano ni ho Bikira Mariya yaronkeye Mpwemu Yera, avugamu ndimi, adandabagirana nk'umugore yaborewe. Rero, hamwe ugiye mw'Ijuru,ntushobora kujana na we, kubera we yategerejwe kuronka Mpwemu Yera. Kandi nimbayategerejwe gukora ivyo, kandi yari nyina wa Yesu Kristo, ni kangahe naweubisabwa!”

Anyishura ngo: “Hamwe ntegerejwe kujamw'Ijuru mfise ikintu nk'ico, sinokwipfuza kurijamwo.”

Ncandamubwira nti: “Ivyo ntihagire ikibazo bigutera. Ntiwiyumvire ngo uzohavaunarihonyoramwo umeze uko, kiretse uhindutse. Ntiwiyumvire ngo ni ngombwakw'ivyo bigutera ikibazo.” Uwo aba ari Mpwemu w'Imana neza na neza.

77 “Rero, muzombera ivyabona, Mpwemu Yera niyabazako.” Noneubu, ibi ni ibiko? Turiko tuvuga iki? Ni iki? Ni nde Yarishizeho? Ubutumwa bwaryoni ubuhe? Ubu rero, twihute, kugira ngotugere kure gato.

Ica kane. Ni gute duhinduka abanywanyi baryo? “Twifatanya na ryo gute? Turabonaico Riri aka kanya, ubu ni iki? Ni gute twifatanya n'iri Shengero?” Ntiwifatanyana ryo. Ntushobora kwifatanya na ryo. Nta buryo buhari bwo kwifatanya na ryo. Urivukiramwo.Maze imyaka mirongo n'umwe mu muryango wa bene Branham, kandi uwo muryango sinigezeniftanya na wo. Navutse ndi mwene Branham. Namwe muvuka muri umuhungu w'Imana, cankeumukobwa w'Imana.

78 Reka dufate Yohana, ikigabane ca 3, gato, turabe ico Imana yarivuzeko hano. Winjiragute mw'iri Shengero? Ni ikihe ciyumviro Imana iguha? Yohana, ikigabane ca 3, 1kugeza 8.

Har' umuntu mu Bafarisayo, yitwa Nikodemo, yar'umukuru wo mu Bayuda;

uwo aza kuri Yesu mw' ijoro, aramubwira, ati Mwigisha,turazi yuk' ur' Umwigisha yavuye ku Mana, kukw' ata muntu ashobora gukoraibimenyetso nk'ivyo ukora, shit' Imana iri kumwe na we.

Yesu aramwishura, ati N'ukuri, n'ukuri ndakubwire: Iy'umuntu atavyawe ubwa kabiri…

…n'ukuri ndakubwire: Iy' umuntu atavyawe ubwa kabiri,ntashobora kubona Ubwami bw'Imana.

79 Ni gute winjira muri ryo? Urivukiramwo. Reka dusome ikibazo gikurikira.

Nikodemo aramubaza, at' Umuntu ashobora ate kuvyarwaashaje?

Murabonaivyo, umunyamubiri, umwigisha, umuntu ahambaye, umuherezi, akuze, yasomaBibiliya ubuzima bwiwe bwose.

Mbega yoshobora gusubira mu nda ya nyina akavuka?

None,ibi si nka bimwe muza mwumva kur'aba bigisha b'abanyabwenge uyu munsi?

Yesu aramwishura, ati N'ukuri, n'ukuri ndakubwire: Iy'umuntu atavyawe (Twinjira mw'iryo Shengero gute?) n'amazi na Mpwemu, ntashoborakwinjira mu Bwami bw'Imana.

80 “Atifatanije na Ryo”? Ntushobora kwifatanya na Ryo. Utegerezwa kurivukiramwo.Atari “ngwino wifatanye natwe.” Ngwino uvuke!

Ikivyawe n'umubiri na co ni umubiri; ikivyawe naMpwemu na co ni Impwemu.

Ntutangazwe n'uko nkubwiye, nti Murakwiye kuvyarwaubwa kabiri.

Umuyaga uhuhuta ah' ugomba, nawe ukumva igihuhutacawo, ariko ntumenye ah' uva, n'ah' uja; uko ni kw' amera, uwuvyawe na Mpwemuwese.

Murabona, ntiwifatanya na Ryo. Ni ikintu c'ibanga. Uwo Mubiri-Banga wa Kristouwuvukiramwo. Uko ni ko uwinjiramwo.

81 1Ab'i Korinto, ikigabane ca 12. Reka twegere imbere. Turafise ibindi vyanditswebikeya. Nashaka kubitanga hamwe binshobokeye nkabishobora. Hamwe mugize…Ndaziharashushe, ariko reka duhere hano, umunota umwe gusa. 1 Ab'i Korinto,ikigabane ca 12, umurongo wa 13.

“Kubwokuramukanya kumwe, kubwo gusezerana kumwe. Ndarahiriye kwemera ishengeroryeranda ry'i Roma. Ngwino, undamutse. Andika izina ryawe muri kirya gitabu. Kubw'icetekimwe, mwinjira kubw'icete kimwe”? Mushobora kuba mwabisomye mu GitabuNdondamavuko c'Abagore ca kera [Mu Congereza “Old Ladies Birthday Almanac”—umus.]ariko ntavyo mwasomye muri Bibiliya y'Imana. Egome mushingantahe. Egome.

Kuko muri Mpwemu umwe, twese (twifatanije, twiyandikshije?) ari ho twabatijwe ngo tube (idini rimwe?) Umubiri umwe, naho boba Abayuda cank' Abanyamahanga, naho bobaabagurano cank' abidegemvya. Kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe.

Atari impwemu ya Metodiste, impwemu ya Batiste, impwemu ya Pentekote. Ariko“muri Mpwemu Yera umwe twese twabatirijwe mw'iyo Soko yuzuye Amaraso.”

Yakuwemu mitsi ya Imanuweli,

Ahoabanyavyaha bibira mu muvo wayo,

Bagakurwakoirabaga rw'ukwagirwa kwabo.

Wamwambuzi yari ku mpfiro yaranezerewe abonye

IyoSoko mu gihe ciwe;

Nanjendi ng'aho ndi mubi nka we,

Nyozaivyaha vyanje vyose.

82 Umubiri umwe! Twinjira gute mw'uyo Mubiri? Ni gute twinjira muri Wo? “KubwaMpwemu umwe twabatirijwe kuba mu Mubiri umwe.” Kandi iyo muri uwo Mubiri,ubuntu, uba ufise uburenganzira kw'izuka, “Imana yamuremetse ibicumuro vyacutwese.” Atari “kubwo kuramukanya kumwe,” atari “urwete rumwe rw'ishengero.”Ariko, “kubwa Mpwemu Yera umwe; Umuyuda, Umunyamahanga, uw'urukoba rw'umuhondo,uwirabura, umuzungu, bose babatijwe na Mpwemu umwe mu kuba mw'uwo Mubiri umwe, biciyemu Maraso y'isezerano ryiwe.” “Mbonye Amaraso, nzobarengana hejuru,” twdegemvyaku rupfu,

umubabaro, ivyaha. "Uwavyawe n'Imana, ntakora icaha, kubera Urubutorw'Imana ruguma muri we kandi ntashobora gukora icaha." Nta caha.

Yesu yavuze ati: "Nimube agahore, nk'ukoSo wo mw'Ijuru ari agahore." Ni gute ushobora kuba agahore? Ntavyo woshobora.Wavukiye mu caha, usamirwa mu kugabitanya, uza mw'isi uvuga ibinyoma. Ariko iyowemeye Kristo nk'uwiremeka ivyaha, iyo umwemeye kubwo kwizera, ukizera yuko Yagukijije,agapfa mu gishingo cawe akiremeka ivyaha vyawe, Imana ica ikwemera ikabatizamw'uyo Mubiri, gurtyo ntiba icongera kubona icaha ukundi. Ni gute noshoborakuba umunyavyaha mu gihe hari i—impongano ku gicaniro kubwanje?

83 Ni gute umupolisi yomfata mu gisagara, mu gihe amategeko y'igisagara ampauburenganzira bwo gutwara n'umuvuduko wose nshatse? Ntushobora kumfata. Hmweumukuru w'igisagara avuze ati: "Mwubahwa Branham, ugiye kugendera abarwaye. Genderaku muvuduko wose ushaka, mu gace kose," akampa urwete ruvyemeza, nta mupolisi n'umweashobora kunkorako. Kubera ko umukuru w'igisagara yangiriye ikizere, ko ntobikorakiretse ari ivyihutirwa.

Rero igihe Imana yanyemera ikambatiza na Mpwemu Yera, Yari inyizeye ko ntazocumuran'ibigirankana. Amen. Sinocumura n'ibigirankana. Kubw'ivyo, Umwana wayo yarantangiyeimpongano, kandi sinshobora kuba umunyavyaha igihe cose ntsindanishirijwe kandiakanshira mu Mubiri wiwe. Nacunguwe na We. Si ivyo nkora, ahubwo ni ivyo We yankoreye.Ng'ubwo Ubutumwa Bwiza.

84 Abanyefeso 4:30, hagira hati: "Ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana mwashiriwekokuba ikimenyetso kugeza ku munsi wo gucungurwa kwanyu."

Umuvugabutumwa w'Umubatiste w'icamamare cane yambwiye, si kera, yavuze ati:"Mwene Data Branham, Aburahamu yizeye Imana, maze abiharurwakonk'ukugororoka. Ni iki kindi yari gushobora gukora atari kwizera Imana?" Avugaati: "Twizera ko turonka Mpwemu Yera iyo twizeye."

Ndamubwira nti: "Ariko urihenda. Muvy'ukuri urihenda. Paulo, mu Vyakozwe n'Intumwa 19, yabajije ba Babatiste baribafise umwungere mwiza hariya, umunyavyagezwe yahindukiriye Imana, ati: "MwararonseMpwemu Yera mumaze kwizera?"

Nawe ati: "Si ko havuga mu nyandiko zo ku nkomoko."

Navuze nti:"Ni ko havuga. Ndafise Emphatic Diaglott.Kandi irabivuga, mu bisobanuro zose, caba Ikigiriki n'Igiheburayo vyompi. Yabajijeati: 'Mwararonse Mpwemu Yera mumaze kwizera?'" Mvuga nti:" Aburahamuyarizeye, ivyo ni ukuri. Ariko Imana yaramuhaye ikimenyetso cerekana yuko Yemeyeukwizera kwiwe, yamuhaye ikimenyetso co gukebwa." Ukwo ni ukuri. Yari yamwemeye,kuko Yamuhaye ikimenyetso cerekana yuko Yamwemeye.

Hamwe uvuzeko wizera, hanyuma ukaba utararonka Mpwemu Yera, Imana ikaba itaragushirakoikimenyetso, ntiba irakugirira icizere gihagije. Iyo uje ku Mana, Imanaigushirako ikimenyetso na Mpwemu Yera kugeza ku munsi wo gucungurwa kwawe. Ubwo ni bwo Butumwa bw'iryo Shengero. Amen.

85 Twegereimbere kandi gato. Neza cane. Rero, 1 Ab'i Korinto 12:13, "Kubwa Mpwemu umwetwese twabatijwe kuba mu Mubiri umwe."

Ivyakozwe n'Intumwa, ehe ingene turyinjiramwo. Ng'aha aho Ishengeroryatanguriye, Ivyakozwe n'Intumwa, ikigabane ca 2. Igihe Ubutumwa bwa mbere bwabwirwaIshengero, inyuma y'Umunsi wa Pentekote, bose bari buzuye Mpwemu Yera. Mariya,intumwa zose, bose bari buzuye Mpwemu Yera, bavuga mu ndimi, kandi bagendank'umugwi w'imborerwa. Kandi mur'ico gihe bariko bagira ivyo bihe bidasanzwe, bakomainduru bahimbaza Imana, badandabagirana musi y'Ubushobozi bwa Mpwemu Yera,ntibitayeho nimba ari ku w'Iyinga, Kuwa Mbere, nimba wari umunsi uwuhe. Baribibereye mu bihe bikomeye, baravuza induru bagaca babandanya mur'ivyo. Erega, babantu bahambaye b'abanyabwenge bavuze bati: "Aba bantu baborewe umuvinyuw'igisama."

86 Rero, hano hahagaze Petero afise urupfunguzo rw'Ubwami, ku ruhande rwiwe, urupfunguzorwa Mpwemu Yera. Yesu yavuze ati: "Ndakubwiye yuko uri Petero. Kuri uru rutarenzokwubakako Ishengero ryanje, kandi amarembo y'ikuzimu ntazorishobora." Ni iki?Ukuri kwa mpwemu kwahishuwe. "Umubiri n'amaraso si vyo vyaguhishuriye Ivyo. Ivyontiwigeze uvyiga mw'iseminari. Nta muntu n'umwe yabikwigishije, mu bitabu.Ariko, ni impishuro ubonye. Impishuro! Ndakubwiye ko uri Petero. Ndaguhaye urupfunguzorw'Ubwami. Ivyo uzohambira kw'isi vyose, nzobihambira mw'Ijuru. Ivyo uzohambururavyose kw'isi, nzobihamburura mw'Ijuru." Ategerezwa kwubahiriza Ijambo ryiwe. KuMunsi wa Pentekote, umuvugizi yari nde? Petero, kubera ni we yari afise impfunguzo.

87 Bariko barabatwenga, bavuga ngo: "Aba bantu baborewe umuvinyuw'igisama."

Petero aranzika avuga ati: “Iyi ni isaha ya gatatu y'umunsi, aba ntibaboreweumuvinyu w'igisama. Ariko ibi ni vyo ivyari vyaravuzwe n'umuvugishwa Yoweli,ati: 'Bizoba mu minsi y'iherezo, ni ko Imana igize, nzosuka Mpwemu wanje kubari n'umubiri bose. Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa. NzosukaMpwemu wanje ku bagurano banje n'abaguranokazi. Abasore banyu bazobona amayerekwa.Abatama banyu bazorota inzozi. Kandi nzokwerekana ibimenyetso mw'ijuru hejuruno kw'isi hasi. Umuntu wese azokwambaza Izina ry'Uhoraho azokizwa.'”

“Bumvise ivyo, bibacumita mu mitima, babaza Petero n'zindi ntumwa bati:Bagabo, Bene Data, twokora iki kugira ngo dukizwe?'” Iki ni co gikorwa iriShengero ryahawe. Aha rero bashaka kumenya uko binjira muri uyo Mubiri-Banga. Nezacane.

Ivyakozwe, ikigabane ca 2, kuva ku murongo wa 37, Ubutumwa bwo kwugurura.Ntushobora kubihindura. Ntushobora kubihindura. Nimwumve.

88 Hamwe umuganga wawe akwandikiye urupapuro rw'imiti, hanyuma hanyuma ukarujanaku budandarizo bw'imiti, ku muganga w'umuswaganyi, murazi, yoshobora kukwicaakoresheje urwo rupapuro rwanditseko imiti. Murabona, uriya muganga aba yanditseaba yanditse urugero kanaka rw'iyo miti, kubera yavyigiye. Arakwandikiraurugero kanaka rw'uwica isumu, hanyuma agashiramo antidote kugira ngo yice iyosumu. Ategerezwa gushiramwo ikintu co kubuza uwundi muti gukora. Kandi hamweivyanditse kw'urwo rupapuro rw'imiti bidakurikijwe ukwo umuganga abayavyanditse, vyokwica.

89 Kandi ngo,Imana ni Umuganga. Ni Umuganga w'imishaha. Ni Umuganga w'agakiza. Kandiyigishije umuntu muri Tewolojiya yayo bwite, Petero, umuntu atize, atari ashoboyeno gusoma izina ryiwe ribaye ryanditswe imbere yiwe. Ariko Imuha Mpwemu Yera, Imuhaikaramu yo kwandika Inyigisho zavyo. Rero, ku Munsi wa Pentekote, yaranditse Urupapurorw'Umuti. Reka turabe ivyo yanditse. Muganga Simoni Petero, reka turabe Urupapurorwawe rw'Umuti kubw'agakiza. Reka turabe ico vyandikiwe.

Bumvise ivyo, bibacumita mu mitima, babaza Peteron'izindi ntumwa, bati Bagabo Bene Data, mbega tugire dute?

Petero arabishura, ati Nimwihane, umuntu wese murimwebge abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandimuzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera.

Kukw' isezerano ar' iryanyu kand' ar' iry' abanabanyu, n'abari kure bose, abazohamagarwabose n'Umwami Imana yacu.

Ng'urwoUrupapuro rw'Umuti. Nturugoreke; uzica umurwayi wawe. Iyo ni yo ngorane kuribenshi muri aba bantu bavuga ibi, “Data, Mwana, na Mpwemu Yera.” Bariko bica abantu benshi ba mpwemu, babavuza ikintukitari co.

90 Nta kintu nk'ico kibaho. Nta muntu n'umwe yigeze abatizwa, mw'Izinarya “Data, Mwana, Mpwemu Yera,” muri Bibiliya. Nta birori nk'ibi vyigezebivugwa gushika Ishengero Katolika ishitse. Ishengero Katolika ni ryo nyina w'ivyo.Nimuserangure mu Vyanditswe. Nimuserangure muri kahise hanyuma murabe. Ubwa wambere uwo mugirwa wa “Data, Mwana, na Mpwemu Yera,” wakorwa, yari umupatiri w'Umukatolika.

Barabamijagirako utuzi. Kunyunyagiza vyazanywe n'Ishengero Katolika, “NYINA WA BAMARAYA.” Bagarutse ubutarariye kuri “umwe maraya.”

Mw'ikatikisimu havuga ngo: “Hoba hari Umuporoti yigeze akizwa?” Havugango: “Koko, rimwe na rimwe, kubera ko bemera inyigisho za Katolika.” Ntibazokwemeraibiri muri Bibiliya zabo. Barabatiza mw'Izina rya “Data, Mwana, na MpwemuYera,” kandi ivyo ata Vyanditswe bafitiye. Bavuga bati: “Ariko ishengero Katolikani ryo ryabitanguje,” hanyuma bakavyemera. “Ukurikije amategeko ya Katolika,hashobora kubaho bamwe bakijijwe.” Nta bintu nk'ivyo bibaho. Nta muntu n'umwe yigezeabatizwa mw'ubwo buryo. Nta muntu n'umwe yigeze amijagirwa, muri Bibiliya, ngoasukeko amazi, canke ubundi buryo ubwo ari bwo bwose kiretse kwibizwa mu mazi,mw'Izina rya Yesu Kristo, kubwo guharirwa ivyaha.

Ni iki twasomye mu kanya, nkababwira ko tuza kubishikako mu nyuma? Ni uko: “Ukwihanano guharirwa ivyaha bitegerezwa kwigishwa mw'Izina ryiwe.” Uhereye he? IYerusalemu gusa, ku Bayuda? “Ku mahanga yose, isi yose, uhereye i Yerusalemu.”

91 Noneho,Muganga Simoni Petero yaranditse Urupapuro rw'Umuti.

Bite se kuri mwebwe, abaganga, muriko mugerageza kubishiramwo ikindi kintu? Ntihagireico mwongeramwo. Nimubigumize ukwo nyene bimeze. Ico ni co gikorwa c'iryoShengero. Uku ni ko uryinjiramwo: “Mu kwihana, no kubatizwa mw'Izina rya YesuKristo kugira ngo ubone guharirwa ivyaha vyawe, hanyuma isezerano ni uko uzoronkaMpwemu Yera.” Rero, ivyo ni vyo Bibiliya yavuze, “Kubatizwa mur'iryoShengero! Kubatizwa mur'iryo Shengero!”

92 Reka dusome mu b'i Galatiya 3:26, umunota umwe. Ntabindi dufise atari kimwe gusa, ibindi bibiri,

ibindi bintu bitatu hano, hanyumaduca tu—tubwirizwa gusozera. Rero reka dusome hano mu b'i Galatiya, ikigabaneca 3. Nihagira uwuntanga kuhashika, ace asoma. [Mushiki wacu umwe atanguye gusomamu b'i Galatiya 3:26, "Kuko mwese muri abana…" —Ed.] Bandanya. ["Kuko mwese muri abana b'Imana kubwo kwizera KristoYesu."] Abagalatiya 3:26? ["Ni ho nsomye."]

Kumburenshobora kuba narabisomye, hanyuma hano ngaca ndavyandika nabi. Birashoboka ko arimu b'i Kolosayi. Reka dusome mu b'i Kolosayi. Nda—ndazi aho nariko nderekeza.Reka turabe nimba ari mu b'i Kolosayi 3:26. Oya. Nta 3:26 hariya.

None ubu ibi niibiki, ab'i Galatiya 3:26? [Uwo Mushikiwacu avuze ati: "Egome." —Umw.] Ng'aha, ndahabonye. Ni vyo. Soma, Mushikiwacu, mu b'i Galatiya 3:26, harya nyene wari utanguriye. Ng'aha 26, 27 na 28. Uburero mwumvirize mu bwitonzi ntangere. [Uwo Mushiki wacu asomye mu b'i Galatiya3: 26-28:]

Mwese mur' abana b'Imana kubwo kwizera KristoYesu:

kuko mwese ababatirijwe kuba aba Kristo mwambayeKristo.

Ntihashobora kuba Umuyuda cank' Umugiriki,ntihashobora kuba umugurano cank' uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo cank'umugore; kuko mwese mur' umwe muri Kristo Yesu.

Ni gutetwinjira mur'uyo Mubiri? Tubigenze dute? "Tubatizwa na Mpwemu Yera mu kwinjiramw'uyo Mubiri wa Kristo Yesu."

93 Rero, ikindiUbutumwa bw'iryo Shengero buri, ingene twinjira mw'iryo Shengero, ni biciye mu kwezwa.Kandi ukwezwa, Abaheburayo 13:12-13, "Ni co catumye Yesu ababarizwa hanze y'irembo,kugira ngo yezeshe abantu biwe Amaraso yiwe."

Ubu na ho, mu Banyefeso, reka tujeyo. Aho dutegerezwa kuhasoma. Mu Banyefeso5:25, tunyarutse. Mu Banyefeso 5:25. Neza cane. Ng'aha twahashitse, 5:25. Oya, n'ubunsanze atari ho. Nanditse ahatari ho. Reka turabe. "Kubw'ivyo, abavugabutumwan'abaherezi…" Ôo, egome. Ibi nari navyanditse nihuta, mu kanya, rero ntegerezwakuba naravye ahatari…Ôo, nashikiye ku rupapuro rutari rwo. Ni vyo. Amen. Egome.Neza cane.

94 Abaheburayo 12 na 13, "Ni co catumye Yesu ababarizwa hanze y'irembo, kugira ngoyezeshe abantu biwe Amaraso yiwe."

Kubw'ivyo, abantu, ng'uku uko tuza mw'iri Shengero: mu kwihana; kubatizwamw'Izina rya Yesu Kristo kubwo guharirwa ivyaha vyacu; hanyuma isezerano ni ukotuzoronka umubatizo wa Mpwemu Yera. Kubw'ivyo, nta muvugabutumwa n'umwe ashoborakuturamutsa mu kwinjira muri Ryo. Nta mupatiri ashobora kudusezeranya mukwinjira muri Ryo. Ariko tuvukira muri Ryo, tuvyawe n'Umwami w'ubwo Bwami bwa Kimesiya.Amen.

Ubu rero ibi vyonyene, noshobora gushika no kur'ibi? Ng'ahahamwe nari ngeze. Ni bangahe bari bugumane nanje iminota mikeya gusa? [Ikoranirorivuze riti: "Amen." —Umw.] Murabona? Gusa…Ni isaha zitatu z'ijoro zirengamirongo itatu, kandi umwanya waheze.

95 None, twoshoboragushika mw'Ijuru tudaciye mw'iri Shengero? Reka tugire amajambo makeya tuvugakur'ico, kubera mfise imirongo hafi cumi n'ibiri yanditse hano, nk'ukomubibona. Ariko nda—nda… umwe wonyene, kugira ngo dushobore kubimenya. Oya, mushingantahe.Ntushobora gushika mw'Ijuru utabaye umunywanyi w'iri Shengero.

Noneho, icambere, muri Yohana 3:5, Yesu avuga ati: "Umuntu atavyawe n'amazi, na Mpwemu!"("Nimwihane, hanyuma mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngo muboneguharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzoronka ingabire ari yo Mpwemu Yera.") Kuvyarwan'amazi, kuvyarwa na Mpwemu. "Umuntu adashitse kw'Ibi, ntashobora no kwinjiramu Bwami bwo mw'Ijuru." Ntashobora no kubona Ubwami bw'Ijuru. Rero nimba waravyawen'amazi na Mpwemu, uri mur'iryo Shengero. Nimba utavyawe n'amazi na Mpwemu,nturi mur'iryo Shengero, kandi ntushobora kubona Ubwami bwo mw'Ijuru. Ese ivyo birumvikana kuri mwebwe? Neza cane.

96 None,wari uzi…Uragira uti: "Erega, Mwene Data Branham, ndizera," emwe, niwumve,"gusa sindigera ndonka Mpwemu Yera." Oya, aho nturizera. Uri mu nzirayo kwizera gusa. Ufise ivyizigiro.

Kubera,1 Mu b'i Korinto, ikigabane 12, umurongo wa 3. Reka dufase ivyo ubu nyene mugihe turi hafi yavyo, nimba mubishaka. 1 Ab'i Korinto 12, ikigabane ca 12,umurongo wa 3. Twihutire kuhashikira, ha—hanyuma dusome bino hano, maze turabeico Umwami adufitiye mur'Ibi. 1 Ab'i Korinto 12, neza cane, umurongo wa 3.

Ni co gituma mbamenyesha yukw' ata muntu avugishwa naMpwemu w'Imana, avuga ati Yesu ni ikivume: kand' ata muntu ashobora kuvuga, atiYesu ni Umwami, atabivugishijwe na Mpwemu Yera.

97 Nta na kimwe uba ubiziko gushika uronse Mpwemu Yera. Uragira uti: “NaremeyeYesu Kristo nk'Umukiza wanje.” None wararonse Mpwemu Yera umaze kwizera?Nimba utamufise, ntushobora no kumwita Umwami, kuko si Umwami. Ni Ikintu cakahise ico wewe wemeye kubwo kwizera. Ariko iyo akwinjiyemwo, biciye kuriMpwemu Yera, aba ari Umwami wawe. Nta muntu ashobora kwita Yesu, “Umwami,” atabivugishijwena Mpwemu Yera; gushika uvyawe na Mpwemu w'Imana, maze Mpwemu Yera akaba muriwewe. None rero, nimba ari uko bimeze, wavukiye muri ubwo Bwami, kandi uriurugingo rw'iryo Shengero. Mw'ico gihe muba muri abahamagariwe gusohoka. Mbegamurabibona? Ubu ni neza cane.

98 Mbega ubuzima bwoshobora kuva mu kigori, urwo rutete rudasanzwe rufise ubuzimamuri rwo? Iyo intete z'ibigori ziterewe mw'ivu, zimwe ziramera izindi ntizimere.Zimwe zitameze, zirashobora kwongera kubaho? Habe na mba. Nta na kimwe kibakirimwo. Yamara, mu buryo bugaragara, izo ntete ziba ari nziza, zose ziba arinziza kandi zisa. Havamwo umutsima w'ibigori nk'uw'izindi ntete zose. Zizobazisa neza nk'izindi. Ariko nimba ata buzima zifise muri zo, ntizishobora gusubirakunaga.

Umuntu ari umuntu mwiza, arashobora kuba umunywanyi mwiza w'ishengero nk'Umukristo.Umuntu ari umuntu mwiza, arashobora kuba umunyagihugu mwiza nk'Umukristo;umuntu mwiza, umuntu afise imico myiza. Ariko iyo apfuye, kaba kabaye, kiretse yaravutseubwa kabiri kubwa Mpwemu w'Imana. Kubera, ikintu cose gifise intango kirafiseiherezo.

99 Imana ni Co Kintu conyine Gihoraho. Kubw'ivyo, turi igice c'Imana, mu kuronkaUbuzima bwayo. Yesu yavuze ati: “Ndabahaye Ubugingo Budashira.”Ijambo ry'Ikigiriki rikoreshwa aho ni Zoe,risobanura “Ubugingo bw'Imana ubwayo.” Kandi inzira yonyene y'uko ushobora kwongerakubaho ni kugira Ubugingo Budashira, na bwo bukaba ari Ubugingo bw'Imana, kukoubuzima bwawe buzorangira. Ariko Ubuzima bwayo buzozuka, kuko Imana Ihoraho.Kandi ufise Ubugingo Budashira, kandi urashobora… ntushobora gupfa nk'uko Imanaidashobora gupfa. “Unyizera afise Ubugingo Budashira, kandi nzomuzura kumunsi w'iherezo, nzokwongera kumuzura.” Ubugingo Budashira buri muri webuzomuzura.

100 None rero, twoshobora kwinjira mw'Ijuru tutari mw'iri Shengero? Ntushobora kubamw'iri Shengero utaravuka ubwa kabiri. Ntushobora kuja mw'Ijuru utaravuka ubwakabiri. Nimba waravutse ubwa kabiri, uri mw'iri Shengero. Rero ntushobora kujamw'Ijuru utari umunywanyi w'iri Shengero, kandi ntushobora kuba umunywanyiwaryo utavukiye muri Ryo.

Ubu rero, hinge ndabanyiganze gato. Kandi ntushobora kuba umunywanyi waryo kiretseImana yaraguhamagariye kuba umunywanyi waryo. Noneho, ese ukuntu mwategerezwa kunezerwakubw'ivyo, kuko mwatoranijwe kuva kera imbere y'ukuremwa kw'isi. Kandi amazina yanyu…Wuuh!‟Amazina yanyu yanditse muri ca Gitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi w'Intama,” Igitabuc'iryo Shengero, imbere y'ukuremwa kw'isi.‟ Iyo ni Bibiliya.

Bibiliyaivuga iti: “Umwe anti-Kristo,” amadini, ishengero Katolika hamwe n'ayandi madini,amadini, “bazohenda ababa kw'isi bose, abo amazina atanditswe mu Gitabu c'Ubugingoca Wa Mwagazi w'Intama imbere y'ukuremwa kw'isi.”

Yesu yavuze ati: “Abo Data yampaye bose bizozakuri Jewe.” Iryo ni Ijambo ryiwe bwite. Atari ivyowakoze, ahubwo ivyo We yakoze.

101 Reka ivyo tubikemure,umunota umwe. Reka tuzingurure mu Banyefeso, ikigabane ca 1, twihuta. Mwumveibi. Uyu ni Paulo. Rero, yategerezwa gushikana iri shengero ku gutungana. Ibi Pauloariko abibwira Abakristo. Ni Abakristo bangahe bari hano? Reka turabe ibiganza vyanyu.Neza cane. Ibi si ivy'abana, aka kanya. Ibi ni ivy'abashobora guhekenya inyama.Ubu rero, ikigabane ca 1, turaba abo ariko arabwira.

Paulo, intumwa ya Yesu Kristo nk'uko Imanayabigomvye (atari kubwo kugenwa n'umwepisikopi,atari kubw'idini).

…intumwa (uwarungitswe) nk'ukw'Imana yabigomvye, ku bera(abejejwe, canke abera) bari muri Efeso,kandi…b'abizigirwa muri Yesu Kristo:

Ibi arikoabibwira bande ? Ku bamazekwinjira muri rya Shengero. Iyo uri muri Kristo, uba uri mu Mubiri wiwe. Mbegaukwo ni ukuri. Aho rero muba muri abanywanyi b'iryo Shengero.

102 Ubuntu n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no kuMwami Yesu Kristo, bibe muri mwebwe.

Imana Se w'Umwami wacu Yesu Kristo iragahezagirwa, yoyaduhezagiye imihezagiro yose y'ahantu ho mw'Ijuru muri Yesu Kristo:

Yabigenje iti? Yakoze iki? Bari barajabutse Yorodani. Bari barashitse mu Gihuguc'isezerano, kandi bari bicaye ahantu ho mw'Ijuru muri Kristo Yesu. Ng'ibi.‟Twahezagiriwe hamwe imihezagiro yo mw'Ijuru,” inyigisho y'Ijambo,nk'Ishengero, abahamagariwe gusohoka bari muri Kristo Yesu. “Nk'uko twicayehamwe ahantu ho mw'Ijuru,” nk'Ishengero, igihe twavuka ubwa kabiri muri KristoYesu. “Abera, abahamagariwe gusohoka,” ôo, bagenzi, umuntu Ashobora kwigishaico gukora. Yaragize ingorane nyinshi hamwe n'ab' i

Korinto, ariko atari iriShengero. Yari ashoboye kubigisha ibintu bihambaye. Neza cane.

103 Imana Se w'Umwami wacu Yesu Kristo iragahezagirwa, yoyaduhezagiriye…

Muribukaubutumwa bwanje buheruka?

…imihezagiro yose y'ahantu ho mw'Ijuru muriKristo:

Nk'uko…

Mwumvirize.Ubu rero ibi mureke bibakoreko.

Nk'uko Yadu…(mumwanya wa kahise)…toranirije muri We…

“Kuriwa muvyuro uheruka”? Mbega ivyo nabisomye neza? [Ikoraniro rivuze riti:“Oya.”—Umw.]

Nk'uko Yadutoranirije muri We imbere y'ukuremwakw'isi, imbere y'isi…(nimurabehano)…imbere y'ukuremwa kw'isi, ngo tubeabera tutagira agasembwa imbere yiwe mu rukundo:

Kuko Ya-du-to-ra-ni-je…

Twakozi iki? Nta na kimwe. Ico Yo Yakoze ni co mpanze amaso. Yaraduhisemwo,ishira amazi yacu mu Gitabu cayo, mu Gitabu cayo c'Ishengero, ngo tube abagizeuyu Mubiri-Banga, isi itaranabaho.

Idutoraniriza kuba abana samuragwa biciye kuri YesuKristo kandi kubwiwe, nk'uko Yabikunze, bikayihimbara,

104 Wuuh! Utegerezwa kuba mw'iryo Shengero Mwene Data, utegekanya kuzoshikayo,kubera Azoza gutora iryo Shengero. Ni ishengero bwoko ki? “Ishengero ritagirainjebejebe n'amarabaga.” Ni gute ivyo tubiba? Mu gupfira muri Kristo,tukabatizwa na Mpwemu Yera mw'uyo Mubiri, hanyuma Amaraso y'impongano akagumaari ng'aho kubwacu buri saha igize umunsi. “dusangwe tutagira agasembwa,” iryoni iryo Shengero, “ntutagira injebejebe n'amarabaga.” Yadutoranirije muri We,yandika amazina yacu mu Gitabu cayo.

Bibiliyayavuze gurtya, ngo: “Yesu Kristo ni We Wa Mwagazi w'Intama wakerewe…” Mu myakaigihumbi kimwe n'amajana icenda iheze? Hari ryari? “Wa Mwagazi w'Intamawakerewe uhereye kuremwa kw'isi.”

105 Igihe, “Imana,” muri Bibiliya, iryo jambo mw'Itanguriro, Itanguriro 1 havugango: “Mu ntango Imana…” Fata iryo zina Imanamu Giheburayo, murabe ico risobanura. Ryandikwa ngo El, Elah, Elohim, na vyo bikaba bisobanura “Uwurivyose, Uwibeshejeho, Uwihagije, Umunyenkomezi.” Nta na kimwe cariho imberey'Uwo. Nta kayaga kariho. Nta nyenyeri zariho. Nta kabombera kariho. Nta kirerecariho. Nta ma atome yariho. Nta ma molekile yariho. Nta na kimwe cariho imberey'Uwo. Yari Imana, Imwe Ihoraho. Hanyuma muri Yo harimwo ivyari biyigize, kubaUmukiza, kuba Data, kuba Imana. Aho nta Mana yariho mw'ico gihe. Ya—yari Imana,gusa nta kindi kintu cariho, nta gusenga. Rero, Imana ni “ikintu gisengwa,” kandi aho na ho nta kintu na kimwe carigihari co kuysenga. Ariko hariho ingeso zari muri Yo, zo kuba Umurokozi,Umukiza, kuba ibi bintu vyose Iri.

106 Rero, ikintu ca mbere Yaremye. Aka kanya, bamwe muri mwebwe bashaka kumenyaivyo mvuga ku bijanye n'Itanguriro. Imana yavuze iti: “Tureme umuntu.” Ikintuca mbere Yaremye bari Abamarayika, kugira ngo bayisenge, aho rero ica ihindukaImana. Hanyuma none hamwe Yavuga iti: “Tureme umuntu mw'ishusho yacu asenatwe,” ni umuntu bwoko ki Yaremye? Umuntu w'impwemu. Rero, igihe Yarema uwomuntu, Yamuhaye ubutware. Hanyuma Irema umuntu mu mukungugu w'isi. Mu nyumaaragwa, gurtyo Ica Ihinduka Umurokozi. Imana, ariko Umurokozi. Icaha cazanyeindwara, gurtyo Ica Ihinduka Umukiza. Haleluya! Nta kintu na kimwe kigendaukutari kwo. Vyose Yari ibizi, imbere n'uko isi iremwa. Yari izi yuko twogizeiki gikorane uyu mugoroba. Yari azi insazi zose zobaye kw'isi, n'ingene zobayezingana, mbere n'incuro zohumaguje. Ni Imana itagira iherezo. Izi vyose. Amen. Mbegauyu mugoroba ntimunezerewe, kubona amazina yanyu ari mur'ico Gitabu?

107 Mbegaiciyumviro ciza ngize,

Kubijanye n'Inyoni nini y'ibirabagu,

Kandibavuga ngo izina ryayo ryanditswe

Kumpapuro z'Ijambo ryera ry'Imana.

Izindinyoni zose zirayizungurutse,

Ikengerwana zose.

178Iyo nyoni y'ibirabagu yari nde? Ndahinyuje urya muntu, birya yavuze ntivyarivyo. Iyo nyoni y'ibirabagu yari nde muri Bibiliya? Ntiyari Isirayeli nk'ukobabivuze. Ryari rya Shengero rya Yesu Kristo.

Kukimaze c'icaha, bakora iki? Bafata intunguru zibiri, bagaca umutwe umwe maze bacabayicurika, bakajojotereza amaraso kuri mugenzi wayo yaba ikiri nzima, hanyumabagaca bayirekura. Hanyuma iyo ntunguru, hamwe n'ivyo birabagu vy'amaraso yamugenzi wayo yapfuye, yaca iguruka imijagira amaraso kw'isi mu gihe yaba irikoirakubita amababa. Amaraso yameneka kw'isi, asemerera ngo: "Uwera, uwera,uwera, ni Uhoraho! Uwera, uwera, uwera, ni Uhoraho!"

108 Cari ikigereranyo ca Kristo. Kandi inyoni nini iriko ibirabagu ni Ishengero ryamijagiwekoAmaraso ya Mugenzi waryo yapfuye, Umukiza, Yesu Kristo. Kandi ririkorizunguruka kw'isi uyu munsi, rikubita amababa, risemerera, riti: "Uwera,uwera, uwera, ni Uhoraho!" Amen! Ndanezerewe cane kubera ndi muri Ryo. Ndanezerewecane kubona izina ryanje riri mu Gitabu caryo, ryanditswemwo atari kuba kubamwiza kwanje; oya, mushingantahe, sinoba ndi Yo, canke kubera kuba beza kwanyu.Ariko kubw'ukugira neza n'imbabazi z'Imana, imbere y'ukuremwa kw'isi, yanditseamazina yacu mu Gitabu cayo.

109 Ikiranga iriShengero ni ikihe? Ritegerezwa kubaiki? Yari iki? Ni iki? Umugwi w'abahamagariwe gusohoka.

Ninde yarishizeho? Yesu Kristo. Atari umwepisikopi, canke ishengero Katolika, atariMetodiste, canke Luther, canke Wesley. Oya, mushingantahe. Ni nde yarishizeho?Yesu Kristo.

Ubutumwabwaryo ni ubuhe? Kwihana, umubatizo wo mazi, umubatizo wa Mpwemu Yera, ugukiza indwarakw'Imana, agakiza.

Nigute duhinduka abanywanyi baryo? Mu kurivukiramwo.

Turashoboragushika mw'Ijuru tutari muri Ryo? Oya, mushingantahe. "Kuko abapfiriye muriKristo Imana izobazanana na We," kandi nta—nta bandi atari abapfiriye muriKristo. Yesu azoza gutora abapfiriye muri Kristo. Abanyefeso ikigabane ca 4, havugako… Oya. Nibaza ko ari mu b'i Galatiya, ikigabane ca 4. Havuga, ngo: "Abapfiriyemuri Kristo Imana izobazanana na We. Abapfiriye muri Kristo Imana izobazananana We "

110 None rero, iryo Shengero ni umugwi w'abahamagariwe gusohoka, Umubiri-Banga. Kristoni We yarishize mu rutonde. Imbere yuko apfa, Yaravuze yuko ryari mu nzira,Yavuze ati: "Nzoza mbe Umwami mw'ubwo Bwami. Hasigaye igihe ab'isi ntibabebakimbona, ariko mweho muzombona. Ntihagire na kimwe muzohurirako n'ubwamibw'iyi si."

Ni na yo mpamvu bari mu rwijiji nk'urwo, rwitwa "Babuloni." Umwe, ngo:"Emwe, Imana ishimwe, ndi Umuperesipiteriyano. Imana ishimwe, ndi Umumetodiste.Imana ishimwe, ndi…"

Imanaishimwe, ndi Umukristo. Amen. Ni vyo. Mbwirwa n'iki ko ndi we? "Ibi bimenyetsobikurikira uwizera." Murabona? Ng'iyo karata karangamuntu yanyu. Atari kuvugango: "Hinge gato, ndizera ko mfise ikarata y'isangira." Eka. Jewe ntayo mfise.Iyanje iri hiyo Hejuru. Nshobora kubura iyi y'aha kw'isi. Ariko Yambwiye ati:"Imbere yuko isi ibaho," Yampaye ikarata ya karangamuntu, ku bantubose baza mw'ubwo Bwami. Ibitswe mw'Ijuru, rero ivyo vyanditswe biragororotse. Ndanezerewecane. Nda…

Umuntu umwe yavuze ngo: "Nararondeye Imana. Nararondeye Imana." Ivyobinyuranye na Bibiliya. Imana ni yo ikurondera, si wewe urondera Imana. Imana yagendaigaruka mw'itongo rya Edeni, isemerera iti: "Adamu, uri he?" Si Adamu yasemereyengo: "Mana, urihe?" Imana ni yo yasemereye iti: "Adamu, uri he?"

111 Ôo, ndanezere cane kubona ndi umunywanyi waryo, mweho si uko? [Ikoraniro rivuzeriti: "Amen." —Umw.] Ndanezererewe cane iri Shengero rihambaye. Munyihangairekuba nabafatiriye umwanya munini. Ariko murizera iryo Shengero rihambaye?["Amen."] Muraryizera? ["Amen."] Murizera ko ari wa Mubiri-Banga? ["Amen."]

Rero, mwebwe bantu b'Abakatolika, ikintu conyene mutegerezwa gukora kugira ngo mubeabanywanyi baryo ni kwemera Yesu Kristo no kuvyarwa na Mpwemu. MwebweBabatiste, mwebwe Bametodiste, Baperesipiteriyano, Baluteriyano, ico muri cose,nimwumve ubu. Ntimwibaze ngo ngiye ku ruhande rw'Abapentekote. Ni Abapentekote b'abahemunk'irindi shengero ryose. Ni vyo rwose. Binjirayo kw'izina no ku munwa gusa. Ntabindi. Ariko, kubigira, ntavyo bafise. Ni vyo. Kubera ko, iyo wavyawe na Mpwemu,uhinduka icaremwe gisha, Imana igatangura gukorana na we noneho nk'abana, kandiukarongorwa na Mpwemu w'Imana. Waba uri mw'idini nyabaki, ivyo ntibi… Ivyo ntakindi atari indinganizo yak era y'isi, kandi bigiye gushira. None ariko uriumunywanyi w'uyu Mubiri uhambaye w'ibanga wa Kristo? Nimba atari we, numwakireuyu mugoroba, mu gihe twunamitse imitwe akanya gato ko gusenga.

112 Mu gihe turiko twiyumvira ubu, hano hari bamwe bokiriza amaboko yabo? Noneuvuge uti: "Mana, ndakuzamuriye ukuboko, ngira umunywanyi w'iryo Shengero uyumugoroba. Mpa kuvuka, ivyo ivyanje. Wampamagaye, ga Mwami? Noneho nshaka kubaumunwanyi w'iryo Shengero. Ndi uwo muri ayo madini y'isi, ariko simfise icokimenyamenya. Simfise Ubushobozi busenda abadayimoni, bugakora ibi bintu nkuko

Wavuzeyuko Vyokurikiye abizera. Sindaburonka gushika ubu, Mwami. Kandi Wavuze koibimenyetso bizoba…(Bizo…bisobanurango: 'Uzobikora.') Mpa Ubushobozi, Mwami.”

113 Imana iguhezagire. Imana iguhezagire, na wewe, na wewe. Mwese abakirijeamaboko, Imana iguhezagire, kandi Ibahe Ubushobozi bwo kuba abanywanyi b'iryoShengero rihambaye, Ishengero rya Yesu Kristo. Har'uwundi, imbere yuko dusenga?Imana iguhezagire, mwigeme. Imana iguhezagire, Mushiki wacu. Imana iguhezagire.Egome, mwebwe mwakirija hariya inyum. Imana iguhezagire, wewe ng'aho; ndabonaikiganza cawe, mwananje. Ndabona ikiganza cawe ng'aho, Mwene Data. Egome. Imanaiguhezagire, hamwe na wewe, wewe muyabaga, umwigeme akiri muto. Imanaiguhezagire. Har'uwundi, nimukirize ibiganza vyanyu gusa. Imana ihezagire uyuMushiki wacu, yicaye hano. “Nshaka kuba umunywanyi waryo. Nshaka ko Amarasoyiwe azoba andiko ninasohoka mw'iyi nyubako uyu mugoroba, kugira ngo nzegusohoka ubuzima bwanje busemerera, 'Uwera, ni Uhoraho.'” Imana iguhezagirewewe hariya inyuma, mwananje. Imana iguhe iyi mihezagiro. Har'uwundi aka kanya?Kiriza ikiganza cawe. Har'uwundi yovuga ati: “Mana, ngirira imbabazi”?

Nimba wipfuza kuza ku gicaniro kubwo gusenga, mu gihe turirimba iyi ndirimbo:

Garukamuhira, garuka Muhira,

Weweuri kure, garuka Muhira.

Nimba ivyawe utabizi neza, ndagutumiye uze, usenge.

Mugihe dusenga:

Yesuarahamagara mu bwiyoroshi no mu bugwaneza

Araduhamagarajewe nawe,

Ahagaze ku rugiarindiriye, araba,

Arabayuko jewe nawe tuza.

Garuka…garukaMuhira,

Weweuri kure, garuka Muhira,

Yesuarahamagara mu bwiyoroshi no mu bugwaneza,

Araguhamagayemunyavyaha we, garuka Muhira!

Rekatuyihibongoze aka kanya.

Kukiuteba…

Umutamakazi umwe aregereje kubwo gusenga. Mbega nta wundi ahari yoza nk'ukuagasenga kw'uyu mugoroba?

Nubwotwacumuye, afise imbabazi n'ikigongwe,

Aramparira naweaguharire.

Garuka Muhira (GarukaMuhira !) garuka…

Mbega mwebwe mwokwegera hepfo gato gurtya? Bakobwa bato, ngwino gurtya. Mwanamuto, egerayo gurtya.

…mwebwemurushe, garuka Muhira;

Yesuarahamagara mu bwiyoroshi no mu bugwaneza,

Araguhamagayemunyavyaha we, garuka Muhira

Mwebwemurushe, garuka Muhira;

Yesuarahamagara mu bwiyoroshi no mu bugwaneza,

Araguhamagayemunyavyaha we, garuka…

Vyogenda gute uramutse umenye ejo nk'aya mango, iki gihugu kizohavagishwanyagurika? Turi mu bihe bibi cane. Nta kintu na kimwe woshoboragushiramwo ivyizigiro, hanze ya Kristo. None ni kuki woshira mu kaga, kuki woshiraumushaha wawe mu kaga uwo Imana yaguze n'Amaraso y'Umwana wayo bwite? Kuki utomuhaubuzima bwawe? Ni igiki wotakaza? Vyose uzovyunguka.

Uravuga uti: “Emwe, sindavyizera.”

Eregaaho, Bibiliya ivuga yuko uri imburabwenge. Kuki wo…? Wa mutunzi na we nyenentiyavyizera, umwe avugwa muri Bibiliya. Igihe izuba ryariko rirarenga, yarikoaritwengera kandi ahuza ibitsina n'abo babisangiye; izuba ryaserutse ari murigehinomu. Kuki wohitamwo nk'uyo? Kuki utoza imbere, uhe ubuzima bwawe Kristo?Reka…Sindiko ndakuburira. Sindiko ndagutera ubwoba. Ndiko nkwereka ukuri gusa. Nutavugaubwa kabiri, uzobihusha. Ubuzima bwakumariye iki? Vyose ni nko guhemukirwa.Kuki utoza ngo uronke Ikintu Gihoraho? Niwishimikize Ikintu c'ukuri.

Mu gihe turirimba kandi, hano hariho batatu canke bane. Mbega ntiwoza nawe,ubundi bwo?

Yesuarahamagara mu bwiyoroshi no mu bugwaneza,

Araguhamagayemunyavyaha we, garuka…

GarukaMuhira, garuka…

Niumushaha wawe. Ushobora kutongera kuvyumva mw'ubwo buryo ukundi.

Mwebweabananiwe garuka Muhira (mwebwe bana bato, mwoza amaja hano, mwoza ng'ahagato?)

Mubwiyoroshi…

Ngwinomwananje…?...

Yesuarahamagara,

Araguhamagaramunyavyaha we…

Ngwinohano mwananje.

Garukamuhira!

Garukamuhira…

Mbegantiwokwicira inzira ijayo?

…Muhira,

Mwebweabananiwe, garuka Muhira (Ngwino hano mwananje. Ngwino hano, icara mu ntebeyanje…?...Icara mu ntebe yanje… ?...)

…Yesuarahamagara mu bwiyoroshi

Araguhamagaramuvyavyaha we, garuka…

Nshaka kubabaza ikibazo: Muriko muragendana na We? Mugiye kumutera akagere?Ugiye kuvuga, nka Pilato, ngo: “Nzanira amazi, ngira nkarabe iki gikorane”?Ntushobora gukora ivyo. Biri ku biganza vyawe. Atari ku biganza vyawe gusa, biriku mutima wawe. Biri ku gatimanama kawe. Uzotegerezwa kubana na vyo ubuzimabwawe bwose. Ntugerageze gukaraba uvyikurako. Uzokora nk'uko Pilato yabigenje:kwiyahura umunsi umwe, ugerageza kuvyikura mu minwe. Ntubikore. Ngwino akakanya.

Akandi kanya k'inyongera. Mu gihe duhamagara, nihagire abagabo bamwe baza, BeneData b'Abakristo beza, bamwe muri mwebwe bakozi b'Imana hamwe n'abo bagabo.Bamwe muri Bashiki bacu bazi kuvugana n'abantu, baze bafukame. Nimusengane na bogusa, mubereke yuko mubanezezererewe, mu gihe tuza ubu.

GarukaMuhira, garuka muhira, (Mwene Data Neville, hamwe wokwakira igikorane.)

…abananiwe,garuka muhira;

Yesuarahamagaye yiyoroheje…

Araguhamagaramunyavyaha we, garuka Muhira!

Reka twunamike imitwe yacu kano kanya kugira ngo dusenga…?...Reka twunamikeimitwe yacu kano kanya, maze dusenge.

Mwami,turakuzaniye aba bihanye. Reka Mpwemu wawe, Mwami, acane umuriro mu mitimayabo, abahe icifuzo c'ubwina, n'ibindi vyinshi, kugira ngo bashobore kubonaYesu Kristo, Umukiza wabo, uwabaviriye amaraso kandi akabapfira, kugira ngobabe ivyaremwa bisha. Bikore, Mwami.

Turazi yuko Ivyanditswe vyaduhaye uburenganzira bw'uburyo bwo kukwizera. Turaziyuko uwuzoza Utazokwigera umuhinda na gatoya. Warasezeranye. Amasezerano yaweni ay'ukuri: “Uwumva Ijambo ryanje, akizera Uwantumye, afise Ubugingo Budashira,kandi ntazokwigera ashirwa mu rukinja; ariko ab

avuye mu rupfu ashitse muBugingo."

Abakuru n'abato, bahe bose Mpwemu wawe Yera. Bikore Mwami. Tubisavye mw'Izinarya Yesu, no kubwiwe.

…Muhira, garukaMuhira,

Mwebwe munaniwe…Muhira;

Yesusarahamagara mu bwiyoroshi

Araguhamagara munyavyahawe, garuka Muhira!

Mw'akakanya umwe wese asenge gato. Nibature ivyaha vyabo…

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7